# *Umugabo Mushasha, Umugore Mushasha, Ubugingo Bushasha*

*By Carrie Mahoro Miles, PhD*
*with Laurence R. Iannaccone, PhD*

Empower International Ministries

Kirundi Version
*Translated by the Rev. Ribakare Pontien*
*Edited by Pastor Nibizi Jean-Marie*

Copyright 2013 Carrie Miles

# Umugabo mushasha, Umugore mushasha, Ubugingo bushasha

Bibiliya itwereka inkuru yerekeye ubucuti bw'umuntu n'Imana, mu ibice bikuru-bikuru bitatu. Ubwa mbere na mbere, abantu baremwe n'Imana, mu shusho yayo, nk'umugabo n'umugore, kugira bashitse intumbero y'Imana – mu mubano wabo, nk'umubiri umwe, bagenda bambaye ubusa ariko bitabatera isoni; ico nico cari indunduro y'icubahiro y'igikiorwa Imana yakoze ku vyerekeye irema. Igice ca kabiri c'iyi nkuru cerekana ingene twataye ubugingo bw'ukwizera Imana n'uburyo twatakaje gufashwa n'Imana mu buryo bunengesereye. Ukwo kuva mu buntu bw'Imana kwatumye Imana itandukana n'ivyo yaremye, kugira inyota y'ukuganza umwe ku wundi (umugabo n'umugore), kandi n'ugutakaza urukundo rurimwo gutinya Imana kandi yari yaturemeye ngo turubemwo. Naho bimeze uko, igice ca nyuma kidushikana mu gucungurwa – kugarurwa na Kristo akadukura mu kubohwa n'isi y'icaha, aho twebwe twenyene twigize imbohe.

Iki gitabo kidufasha kwiga ivy'iyo nkuru, kitwereka ingene habaye ugucungurwa, bisobanurwa gusubiza ibintu mu shusho yavyo y'intango, mu bucuti bwavyo n'Imana, ariko kandi kidusubiza kuri ya ntumbero nyamukuru y'irema yerekeye ubumwe n'ukungana hagati y'umugabo n'umugore. Biciye muri iki gitabo (izi nyigisho) duhindukamwo Umugabo Mushasha, Umugore Mushasha n'Ubugingo Bushasha muri Kristo.

## Ibiri muri iki gitabu


ICIGWA CA 1 Mw'itanguriro, uko umugabo n'umugore bari .......... 3

ICIGWA CA 2 Umubano mwiza .......... 5

ICIGWA CA 3 Ugusenyuka k'uburyo ubumwe .......... 8

ICIGWA CA 4 Dominance .......... 13

ICIGWA CA 5 Umwami bisobanurwa iki? .......... 17

ICIGWA CA 6 Gucungurwa umuvumo .......... 20

ICIGWA CA 7 Umwidengemvyo Yesu Kristo aha Abakenyezi .......... 23

ICIGWA CA 8 Yesu n'Umugore "ahumanye" .......... 25

ICIGWA CA 9 Pawulo n'ububasha mu muryango .......... 29

ICIGWA CA 10 Ico intumwa Pawulo avuga kuba "umutwe" .......... 35

ICIGWA CA 11 Kugamburuka .......... 40

ICIGWA CA 12 Ibanga ry'ukubaka .......... 43

## ICIGWA CA 1 Mw'itanguriro, uko umugabo n'umugore bari

Matayo 19:3-8

> **3** Abafarisayo baza kuri we bamugeza, baramubaza, bati mbega biremerwa k'umuntu yirukana umugore kubw'inyanduruko y'ikintu cose? **4** Nawe arabishura, ati ntaho murasoma yuk'uhereye mbere na mbere Rurema yabaremye bar'uburyo bubiri, **5** ikavuga, iti Nico gituma umuntu azosiga se na nyina, akabana n'umugore wiwe akaramata, bompi bakaba umubiri umwe? **6** Bituma batakiri babiri, ariko baba babaye umubiri umwe. Nukw'ici Imana yamatanije, umuntu ntaz'akimature.
>
> **7** Baramubaza bati none se, n'iki catumye Mose agera ko bamuha icete co kuvavanura, akamwirukana ?
>
> **8** Arabishura, ati Mose yabarekuye kwirukana abagore banyu kukw'imitima yanyu ikomantaye. Arik'uhereye ubwa mbere hose ntivyari bimeze bityo.

1. Wisunze inyishu Yesu yahaye Abafarisayo, ubona umubano mwiza hagati y'umugabo n'umugore ukwiye kumera gute?

2. Mbega n'iki gituma tudashobora kubana nk'umubiri umwe nk'uko Yesu yavuze?

3. Mbega n'utuhe turorero twerekana ugukomantara imitima kw'abantu bigatuma vyonona umubano mwiza?

Yesu yavuze ko umugambi w'Imana udashingiye ku migenzo y'abantu, canke mu vyagezwe, ariko ufatiye ku nteguro yamyeho "kuva mbere na mbere". Yavuze yuko, mu vy'ukuri, icagezwe kinyuranije n'uwu mugambi w'Imana. Mose yemeye ko haba ukwahukana, kubera "ubukomantare bw'imitima" vonyene.

### Imbere na mbere (Mw'itanguriro)

Itanguriro 1:26-29

> **26** Imana iravuga, iti Tureme umuntu mw'ishusho yacu, ase natwe: aganze amafi yo mu kiyaga, n'ibiguruka mu kirere, n'ibitungano, n'isi yose, n'ivyikwega vyose, bigenda bikwega inda hasi. **27** Nukw'Imana irema umuntu mw'ishusho yayo, mw'ishusho y'Imana niho yamuremye; irema abantu bar'uburyo bubiri. **28** Maz'Imana irabahezagira, iti ni murondoke, mugwire, mwuzure isi muyiganze; mugabe amafi yo mu kiyaga, n'ibiguruka mu kirere, n'ibifise ubugingo vyose bigendagenda kw'isi. **29** Imana irababwira, it'Ehe ndabahaye ivyatsi vyose vyama utubuto biri kw'isi yose, n'igiti cose cama ivyamwa birimw'imbuto zavyo: bibabere ivyo kurya vyanyu.

4. Ni nde yaremwe mw'ishusho y'Imana? Ni umugabo canke ni umugore?

5. Mbega ni nde Imana yahaye ububasha bwo kuganza isi? Ni umugabo canke ni umugore?

6. Mbega ni nde Imana yahezagije kandi imuha itegeko ry'ukurondoka n'ukwuzura isi (Abana)? Ni umugabo canke ni umugore?

7. Tumenye neza ko kuganza isi n'ukuvyara abana ari imihezagiro yatanzwe n'Imana, ariko atari ibwirizwa. Ni co kimwe n'ukuvuga ngo : "**Genda amahoro**!" canke "**Gira umugisha**!" Mbega ibi bikabura gute ivyiyumviro vyacu ku vyerekeye intumbero nyamukuru yatumye hashirwaho umubano?

8. Mbega n'ibihe bindi bintu Imana yahaye umugabo n'umugore (umurongo wa 29)?

9. Mbega ico tumaze kwiga n'iki ku vyerekeye umugambi watumye Imana ishinga ko umugabo n'umugore babana? Muri iyi mirongo duhejeje gusoma, mbega tubona kw'Imana ifata umugore mu buryo butandukanye n'ubw'umugabo canke bafatwa kumwe?

> Agace ako ariko kose Imana yaremye mw'isi yagahaye umugabo nk'uko yagahaye umugore! Urwo nirwo rutonde rw'Imana kuva mw'itanguriro rya vyose, kandi ivyo Imana imaze kubishitsa yaciye yatura iti: "**Ni vyiza cane!"** Ivyo ntiyabivuze umugabo akiri wenyene. Ahubwo yavuze iti ***"Si vyiza"*** ko umugabo aguma ari wenyene (umurongo wa 2). Igihe Imana yari imaze guhagarika umugore (Eva) iruhande y'umugabo (Adamu), niho honyene Imana yabahaye inkoni y'ubugabe/ubutware, ica yatura ko igikorwa kirangiye, gitunganye, ari ciza cane. (nk'uko vyasobanuwe na Bushnell).

## Shira kino cigwa mu buzima bwa minsi yose, ufatiye ku bibazo biterwa n'imigenzo, imigirwa n'imico yanyu.

> 10. Yesu yabwiye Abafarisayo yuko umugambi w'Imana ataho wari uhuriye n'imigenzo yabo. Mug ice ca 1 c'Itanguriro, hatwereka yuko umugore adakwiye gufatwa nk'igikoresho, ariko ko kw'Imana yamuhereye vyose hamwe n'umugabo wiwe. Mbega ubwo ntihoba hariho imigenzo itisunga ico tubwirwa muri ino mirongo yo mu gitabo c'Itanguriro 1:26-29?

10. Mbega hari aho ino mirongo igutera kwiyumvira uko woba umeze canke uko ubana n'umufasha wawe mu buryo butandukanye n'ubwo dusoma mw'Itanguriro 1:26-29?

## ICIGWA CA 2 Umubano mwiza

Mu cigwa ca 1, twabonye yuko Yesu yigishije ko umubano mwiza hagati y'umugabo n'umugore udashobora kuwuronkeshwa n'imigenzo canke ivyagezwe vya Mose. Ahubwo intumbero nyakuri y'Imana kuri twebwe tuyisanga mu buryo yaturemye. Mw'Itanguriro igice ca 1, Imana yaremye umugabo n'umugore, mw'ishusho yayo, maze bose ibaha ibango ry'ukuganza isi n'ukurondoka (ukuvyara n'ukurera abana).

Uburyo vyanditswe mu nyandiko y'igiheburayo (mu nkomoko kama, Isezerano rya Kera ryanditswe mu Giheburayo), kenshi na kenshi, iduha insobanuro zibiri ku vyerekeye iryo rema. Itanguriro igice ca 1 herekana "igicapu kinini" c'irema (ingene Imana yaremye ibintu). Itanguriro igice ca 2 naho hakatwereka uburyo Imana yasozereye igikorwa co kurema; muri ubwo buryo, tugaca dusobanukirwa icatumye Imana irema abantu bari uburyo bubiri - umugabo n'umugore.

### Iremwa ry'umubano w'umugabo n'umugore

Itanguriro 2:7 na 18-25

> 7 Uhoraho Imana abumba umuntu mu mukungugu wo hasi, amuhumekera mu
> mazuru impwemu y'ubugingo; umuntu aca aba ufise ubugingo. 18 Uhoraho
> Imana aravuga, ati Si vyiza k'uyu muntu yibana wenyene; hinge
> ndamuronderere umufasha bikwiranye. 19 Nukw'ibikoko vyose vyo ku misozi
> n'ibiguruka mu kirere vyose, ivyo Uhoraho Imana yari yabumvye mw'ivu,
> ibizanira uwo muntu ngw'arabe ingen'avyita amazina: kand'uwo muntu uko yise
> ikiri n'ubugingo cose, rica riba izina ryaco. 20 Uwo muntu avyita amazina
> uhereye ku bitungano vyose no kubiguruka mu kirere no ku bikoko vyo
> mw'ishamba vyose: ariko ntihabonekamwo umufasha akwiranye n'umuntu. 21
> Maze Uhoraho Imana asinziriza uwo muntu ubutikoma: amukuramwo urubavu
> rumwe, ahomeka inyama mu gishingo carwo. 22 Urwo rubavu Uhoraho Imana
> akuye mur'uwo muntu, arukuramwo umugore, amuzanira uwo muntu. 23
> Maz'uwo muntu aravuga, at'uyu n'igufa rwo mu magufa yanje, n'akara ko mu
> mara yanje: azokwitwa Umugore kuko yakuwe mu mugabo. 24 Ni co gituma
> umuntu azosiga se na nyina, akabana n'umugore wiwe akaramata, bakaba
> umubiri umwe. 25 Kand'uwo mugabo n'umugore wiwe bompi bagenda amenya,
> ariko ntivyabatera isoni.

### Umufasha akwiranye n'umugabo

1. Dukurikiranye igikorwa cose c'Imana kijanye n'irema, mw'Itanguriro igice ca 1, Imana yagiye ivuga iti: "Ni vyiza!" Mbega umurongo w'18 bitandukaniye hehe?

2. Imana yakoresheje umukungugu (ivu) mu kurema umuntu n'ibikoko. Mbega iremwa ry'umuntu ritandukaniye hehe n'iry'ibikoko? (Umurongo w'7)

3. Umugabo ntabwo yashoboye kuronka umufasha mu bikoko. Mbega ibi bishaka kutubwira iki ku vyo umugabo akenera (arondera) mu mufasha wiwe? N'igiki umugore asangiye n'umugabo ariko adasangiye n'ibikoko?

Mu Giheburayo, amajambo Imana yakoresheje mu kudondora umufasha umugabo yarakeneye ni ***“ez*****er kenegdo”.** Akenshi ayo majambo asobanurwa, mu rurimi rw’icongereza, ***“umufasha”*** canke ***“umufasha bikwiranye”***.

4. Mu bisanzwe, abantu bakunda gutahura gute ijambo rivuga yuko umugore yaremewe kuba umufasha w’umugabo wiwe?

Ingorane iri mu gusobanura ‘***ezer kenegdo***” nk’ ***“umufasha”*** ni uko usanga babifata ko umugore yaremwe kuba munsi y’umugabo kandi nk’uwuganzwa n’umugabo. Umufasha yumvikana nk’umuntu dushobora gukoresha ibikorwa tutipfuza gukora ubwacu, nko kwoza amasahani canke kwimba ibinogo. Mu rurimi rw’igiheburayo, hariho ijambo risobanura umufasha nk’uwo, ari hasi, naryo ni ***“eben”***. Ariko iri si ryo jambo Imana yakoresheje mu kuvuga umufasha umugabo yari akeneye.

Ahubwo, mu gutandukanya ibintu n’ibindi, Imana yavuze ko umugabo akeneye - ***ezer kenegdo:***

Ijambo ***“ezer”*** riboneka incuro 21 mw’Isezerano rya Kera. Risobanurwa ***“gufasha”***… umuntu azofasha uwundi kumumara imibabaro; nk’akarorero, kubafasha canke kubaha imfashanyo. Iryo jambo **“ezer”** riboneka incuro zibiri mu gice ca 2 c’igitabu c’Itanguriro. Mu zindi ncuro 16 ku ncuro 19 zisigaye, iryo jambo rikoreshwa ryerekana “**gufashwa**” kuva ku muntu agufiseko ububasha, ari hejuru (gufashwa na shobuja). Akenshi uko gufashwa kuboneka kuva ku Mana yo nyene… Aho biboneka “ezer”/ “gufashwa” kutava ku Mana naho, rica rikoreshwa ku Bantu nk’abami, batabara umuntu ari mu ngorane…ntacerekana rero ko ijambo umufasha risobanurwa umuntu ari hasi canke aganzwa (Fleming).

`Akarorero k’insobanuro y’ijambo “ezer” canke “umufasha”, tukabona nko muri Zaburi 46:1, ivuga iti: *“ Imana ari ubuhungiro bwacu n’inkomezi zacu, n’umufasha wacuvatabura guseruka mu magorwa. ”*

Ijambo rya kabiri ni ***“kenegdo”***, risobanurwa ***“gukwirana na - bikwiranye”*** canke ***“bihwanye – cokimwe - Gusa na - bisa”.*** Iryo jambo mu giheburayo, mu buryo bworoshe risobanurwa ***“kurabana ukibona”*** - Imana yashaka ko umugore azobera umugabo wiwe nk’icirori canke ishusho yibonamwo, canke bakangana n’umugabo wiwe (bakaba ku rugero rumwe).

Ng’aha, igihimikiweko ni uko abo bantu babiri basangiye kamere n’ibibagize kandi bangana, Mose yakoresheje iri jambo igihe yandika ivyerekeye iremwa ry’umugore kuko yagomba ko dutahura y’uko Imana yaremye umugore, kuba uwungana n’umugabo wiwe.(Fleming, urupapuro rwa 8-9).

Igihe Imana yarema Eve, imukuye mu rubavu rwa Adamu, yari ifise intumbero yuko uwo mugore adasa n’ibikoko – ahubwo agira “ubushobozi (canke ububasha, inkomezi) nk’ubw’umugabo – bungana n’ubw’umugabo”(Freedman).

Imana yaremye umugore ari umuntu afise inkomezi zikwiye haba mu buryo bw’impwemu, mu buryo bw’ubwenge no mu buryo bw’ikiroroge (ibishobisho) - kugira ashobore gufasha umugabo wiwe kwikorera imitwaro yiwe. Imfashanyo ashobora guha umugabo wiwe ingana n’rugero angana nawe.

Kugirango umugabo aronke umufasha akwiranye nawe, vyari ngombwa ko Imana imukura mu mubiri w'umugabo bwite. Imana yasinzirije umugabo ubutikoma, maze ifata igice c'uruhande rumwe rwiwe ku mubiri wiwe (Bibiliya yanyu ishobora kuba ivuga: "urubavu" nk'agace gatoyi", ariko cari igice kinini c'uruhande rw'umugabo, akagufa gato); maze iraheza irukuramwo umugore – Eve (umirongo 21,22).

5. Mbega umugabo yavuze iki agikubita ijisho umugore ubwa mbere (umurongo.23)? Mbega muri ayo majambo yavuze, urumvamwo akanyamuneza kariko karamusya – umunezero yari yuzuye?

6. Mbega iyo nyifato yagize abonye umugore wiwe yerekana ko yamubona nk'umushumba/umukozi canke nk'umuntu asa nawe?

Akenshi, abantu bagifise ivyiyumviro vya kera, ku vyerekeye umugore, bafatiye ku murongo wa 23, bemerako Adamu yaganza umugore. Ariko tumenye ko ijambo "umugore" atari izina mu vy'ukuri, kandi ijambo "umugore" Adamu yakoresheje si ryo ryahavuye riba izina, mu buryo dusanzwe twita abantu amazina. Ijambo "umugore"-[**ishshah**] ni ijambo rigobotowe mw'ijambo umugabo-[ish], risobanurwa ishusho y'umugabo mu bugore. Ico gihe bari basangiye izina nk'uko bari basangiye n'ibindi vyose. Muri iki civugo ciwe cuzuye umunezero ntangere, Adamu yariko avuga ko "ng'uyu umuntu amaze, uwoduhuje – uwo dusa" (Fleming).

## Shira kino cigwa mu buzima bwa misi yose, ufatiye ku bibazo biterwa n'imigenzo, imico n'imigirwa

7. Mbega wokwereka ko wubashe (uhaye agaciro) umugore nk'umuntu yaremwe n'Imana kugirango abe umufasha bikwiranye n'umugabo wiwe, atari umufasha gusa, umuntu wo hasi canke wo gukengerwa no gufatwa uko wigombeye?

8. Umurongo wa 24 uravuga uti: "Nico gituma umuntu azosiga se na nyina, akabana n'umugore wiwe akaramata, bompi bakaba umubiri umwe". Yesu yavuze yuko Imana, Umuremyi, ariyo yivugiye ayo majambo muri (Matayo 19:4-5). Mbega vyerekana ko umwitwaririko wa mbere w'umugabo ukwiye kwerekeza kuri nde - Ku bavyeyi biwe canke ku mugore wiwe (Ni nde hagati yabo babiri akwiye gutwara ikibanza ca mbere mu mugabo)? None ni gute umugabo n'umugore bokwubaha (bokwitaho) ariko abo bativye ikibanza ca mbere muri umwe n'uwundi?

9. Mbega abavyeyi bobo bofasha/boshigikira gute abana babo, kugira umukobwa wabo ahe ikibanza ca mbere umugabo wiwe n'umuhungu wabo ahe ikibanza ca mbere umugore wiwe?

10. Umurongo wa 25 uravuga uti: "Kand'uwo mugabo n'umugore wiwe bompi bagenda amenya, ariko ntivyabatera isoni." Kwamabara ubusa ni mu mvugo mbonwa n'amaso, mu buryo bw'umubiri; kugira isoni canke kudaterwa isoni navyo ni mu buryo bw'ivyiyumviro vyiwe (ikiroroge – ibishobisho) n'ubw'impwemu. Mbega "**kuba amenya**" no "**kudaterwa n'isoni"** bisobanura iki mu mubano w'umugabo n'umugore wiwe?

## ICIGWA CA 3 Ugusenyuka k'uburyo ubumwe

Amajambo ahereza igice ca 2 c'igitabu c'Itanguriro yerekana umugabo n'umugore wiwe **"bagenda amenya ariko ntibibatere isoni"**. Umubano nk'uyo, niho umugabo n'umugore bumva batekaniwe kandi biyugururaniye umwe ku wundi. Uwo mubano utegerezwa kuba ushingiye imizi mu Mana, nk'uko vyari bimeze ikibarema. Hano naho mu gice ca 3 c'igitabu c'Itanguriro, tubona ibidushikira igihe cose tuvuye mu migenderanire yacu n'Imana.

### Uguhendwahendwa - ukuryosharyoshwa, Ukutumvira n'ugutandukana

Itanguriro 3:1-13

1Inzoka yarusha ubugunge ibikoko vyose vyo mw'ishamba Uhoraho Imana
yaremye. Ibaza uwo mugore, iti Mbega n'ivy'ukuri koko yukw'Imana yavuze ngo
Ntimurye ku giti na kimwe co mur'iri tongo? 2 Umugore yishura iyo nzoka,
at'Ivyama ku biti vyo mur'iri tongo twemererwa kubirya: 3 arikw'ivyama ku giti
kiri hagati mw'itongo, n'ivy'Imana yatubujije, ngo ntitubiryeko, canke ngo
tunabikoreko, kugirango twoye gupfa. 4 Iyo nzoka yishura uwo mugore, iti Haba
n'intete ntimuzopfa; 5 kukw'Imana izi yuk'umusi mwabiriyeko, amaso yanyu
azokwihweza, mukamera nk'Imana kuvyo kumenya iciza n'ikibi. 6 Uwo mugore
abonye ico giti yukw'ar'ikibereye kuribwa, kandi ko gihimbaye mu jisho, ari igiti
co kwifuzwa kimenyesha ubwenge, yamura kuvyo camye, arabirya, ahako
n'umugabo wiwe bari kumwe, nawe ararya. 7 Amaso yabo bompi arihweza,
bamenya yuko bagenda amenya, badandikanya ibibabi vy'imisukoni,
bironkeramw'uducocerwa. 8 Bumva ijwi ry'Uhoraho Imana agendagenda
mur'iryo tongo mu gihe c'akayaga ko kumugoroba: uwo muntu n'umugore wiwe
binyegeza mu biti vyo mur'iryo tongo, ng'Uhoraho Imana ntababone. 9 Uhoraho
Imana ahamagara uwo muntu, aramubaza at'Uri hehe? 10 Aramwishura, ati
Numvise ijwi ryawe mw'itongo, ndatinya kuko ndi gusa, ndinyegeza. 11
Aramubaza, ati Ni nde yakubariye ko wambaye ubusa? Mbega wariye kuri ca
giti nakubujije kuryako? 12 uwo muntu aramwishura, at'umugore wampaye ngo
tubane, niwe yampaye ku vya ca giti, ndarya. 13 Uhoraho Imana ibaza uwo
mugore, at'Ico wakoze ico n'igiki? Uwo mugore aramwishura at'Inzoka
yampeze, ndabirya.

1. Ku murongo wa 5, ni bande bari bahari igihe inzoka yavugana n'umugore [Eva]? (Raba neza: "mu" ikoreshejwe muri iki gisomwa ni umuvugire wa kabiri mu bwinshi; bisobanurwako inzoka yariko ivugana n'abantu barenga umwe).

2. Uwo mugabo n'umugore wiwe bamaze gucumura, ingaruka zabaye izihe ku migenderanire yabo – umubano wabo? Ingaruka zabaye izihe ku bucuti bwabo n'Imana - imigenderanire yabo n'Imana?

### Itanguriro 3:14-24

14 Uhoraho Imana abarira iyo nzoka, ati K'ukoze ivyo,
ubaye ikivume mu bitungano vyose no mu bikoko vyose vyo mw'ishamba:
uzohora ukwega inda hasi,
uzorya umukungugu imisi yose y'ukubaho kwawe.

15 Kand inzoshir'inyankane hagati yawe n'uyu mugore,

no hagati y'uruvyaro rwawe n'urwiwe;
ruzogukomeretsa umutwe,
nawe uzorukomeretsa igitsintsiri.

16 Kand'abarira uwo mugore, ati Nzorwiza rwose **imibabaro/ubucumukure/kubira akuya** kandi muri iyo **mibabaro/ubucumukure/kubira akuya** niho uzovyaramwo abana, kandi umugabo wawe uzomuhoranira inyota, nawe azokuganza.

17 Abarira Adamu nawe, ati ko Wumviye umugore wawe, ukarya ku giti nari narakubujije, nti Ntuze ukiryeko: uzaniye ivu umuvumo; uzokwama urya ibirivamwo ubiruhiye/ubize akuya/ucumukuye(amajambo amwe n'ayo Imana yabwiye Eva, umugore wiwe ku murongo wa 16,
imisi yose y'ukubaho kwawe;

18 rizohora rikumerera imikere n'ibitovu, arik'uzotungwa n'ibirimano vyo mu ndimiro;

19 kwirirwa urabira akuya ni kwo kuzoguhesha ivyo kurya
uz'urinde usubira mw'ivu,
kukw'ariryo wakuwemwo: ur'umukungugu, kand'umukungugu niwo uzosubiramwo (TNIV).

20 Uwo muntu yita umugore wiwe Eva, kukw'ariwe nyina w'abari n'ubugingo bose.

3. Itanguriro3: 14-19, ahanini herekana **"umuvumo"**. Itegereze neza iyo mirongo. Imana yakoresheje ijambo **"Umuvumo"** incuro zibiri gusa. Ni ibihe vyavumwe?

Imana yavumye isi, ariko ntabwo yavumye umugabo canke umugore. Ahubwo ico Imana yababwiye mu gitabo c'Itanguriro 3:14-19, yari amajambo y'ubuvugishwa bujanye n'ibizobashikako kubera ivyo bakoze. Ivyo bintu bibi rero ni *inkurikizi (ingaruka)* zizobashikako bivuye ku bikorwa vyabo.

4. Kugirango ushobore gutahura itandukaniro riri hagati y'umuvumo n'inkwirikizi zizanwa n'inyifato yawe, gerageza wiyumvire ku mwana agomba ashire ukuboko kwiwe ku muriro. Nyina wiwe aramubuza ati: "Ntuhirahire ngo ukoze ukuboko kwawe ku muriro". Ibaze nk'igihe uwo mwana abirenzeko, ntiyumvire nyina, maze agaca ashira ukuboko kwiwe kuri uwo muriro; araheza agaca asha, akababara**.** Mbega uwo mwana ariko arababara kuko nyina yamuvumye?

## Kuva mw'itongo rya Edeni ukinjira mw'isi y'amahwa n'ibitovu!

Nk'ukw'Imana yari yabaremye (Adamu na Eva), uwo mugabo n'umugore wiwe bari bafitaniye umubano mwiza hagati yabo, umwe anezerererwa kandi anezereza mugenzi we, hari kandi umubano mwiza no hagati yabo n'Imana, no hagati yabo n'ibindi vyaremwe vyose. Bari babaye muri ryo tongo, bafise ico bakeneye vyose.

Icaha gica kibasohora, kibakura muri iryo tongo ryo muri Edeni, kibanuga mw'isi y'amahwa n'ibitovu. Mu gishingo co kunezerererwa ubuzima bwari muri iryo tongo n'ukuribungabunga, uwo mugabo n'umugore wiwe noneho ubu bategerezwa gucumukura no kubira icuya kugirango bashobore kuronka ico kubatunga, bakamana ukwifuza n'ubwoba.

Abarimyi bakeneye kuvyara abana benshi kugirango baze babafashe mu rugamba rwabo rwo kurondera ivyokurya no kuzobabungabunga igihe barwaye canke bageze mu zabukuru. Mu bukene, canke mu bakene, **igikorwa nyamukuru c'umukenyezi n'ico kuvyara abana.** Adamu yemeranije n'ukwo kuri igihe, bamaze kurwa mu caha, yita umugore wiwe "Eva" kuko yari uwo kuzoba nyina w'abafise ubugingo (umurongo wa 20).

Ariko nk'uko Imana yabihishuye, mw'isi yahumanijwe n'icaha, umugore/umukenyezi ategerezwa gukora vyinshi hejuru yo kuvyara abana. Naho abasobanuzi benshi ba Bibiliya basobanura umurongo wa 16 muri ico gice (Itanguriro 3:16), muri ubu buryo: ***"Nzogwiza umubabaro mu gihe co kuvyara kwawe".*** Insobanuro nyakuri ni ***"Nzokwongerekanya imibabaro/ubucumukure bwawe mu gusama inda n'ukuyibungenga"*** (Flemings).
Nk'ingaruka y'ukuva ku Mana kwabo, Adamu na Eva, bose babwiwe ko bazocumukura/bazoruha/ canke bazorya babanje kubira akuya biturutse ko batumviye Imana. Eva yabwiwe ko ategerezwa kubira icuya mu kuronka ico arya cokimwe na Adamu.

Ahanini ibikorwa vyo mu ruogo n'ukuvyara birabohera abakenyezi muhira kuruta abagabo. Ibikorwa bimwe-bimwe ntivyorohera umukenyezi igihe yibungenze canke igihe afise umwana yonka. Ubu ahantu henshi, abantu barize kugabura ibikorwa kugirango umukenyezi akore ibikorwa bitotuma inda ikoroka canke ubuzima bw'umwana ari mu nda businzikara.
Ibikorwa vy'umugabo rero bica biba ivyo bisigaye umugore adashobora gukora. Hari aho ibihe bihindura ibintu, ivyari gukora umugore bigakora umugabo canke ivyarigukora umugore bigakora umugabo. Akarorero, nk'igihe hakenewe kurobwa ifi mu ruzi rwegereye imuhira; aho umugore arashobora guterera urusenga mu ruzi, akaroba. Ariko igihe kuroba bisaba umurovyi ko afata ubwato akaja kumara indwi n'izindi, arobera kure yo muhira; aho rero umugore ntaba akibishoboye, umugabo araheza akaba ariwe agenda kuroba.

Muri kahise, ibikorwa vyose vyasaba gushira inguvu hamwe vyari ibikorwa vy'abagabo. Hari imirima yitwa iy'"abagabo" kuko abagabo aribo bari bafise ububasha ku vy'urugo, bashobora gutororokanya abakozi benshi – abagore, abana, bameze nk'abakozi babo, baziga uburaro n'uburamuko ku bagabo – ibikorwa bisaba gutera imbuto n'ugusarura, no gushora umusaruro. (Guyer).

5. Mbega ni ibihe bikorwa vyari vyagenewe abagore (abakenyezi) mu mico yanyu? N'ibihe bikorwa biraba abagabo mu bisanzwe? (Raba neza: Mu gihe ca none, vyinshi mu bikorwa vyahora vyega abagabo, nk'uguharura umurima n'uguhiga (uruhigi), vyarahindutse. (Imbere y'ukwishura iki kibazo, biragusaba ko ubanza ukiyumvira uko ibintu vyari bimeze kera)

## Umuhungu niwe mukuru mu muryango

Ahanini umukenyezi w'umwirimizi yitwaririka ibikorwa vyo mu rugo, ibisigaye navyo bigaca bicika ivy'umugabo. Ivyo bigatera umugabo aganza umugore nko mw'isoko, mw'ishengero, mu kibano,mu ntwaro no mu muryango. Ariko kuko abagabo ubasanga mu bikorwa bisaba gushira hamwe inguvu z'abantu benshi, bisanga kenshi na kenshi bumva bategerezwa kuganza abandi canke kuganzanya hagati muri bo. Uko ubukene burushiriza kurwira niko harushiriza kuba akarwi gatoya k'abagabo bahambaye, bari hejuru y'abandi benshi. Ijambo rikoreshwa mu kugararagaza ibi bintu tuvuzeko aho hejuru ni UKWIGANZA

KW'UMUHUNGU. Ntirikoreshwa gusa igihe tuvuga ivy'abagabo baganza abagore, ariko turanarikoresha iyo twerekana akarwi gatoya k'abagabo kaganza abasigaye(abagabo n'abagore). Isi imaze kurwa mu caha imwe mu ngaruka yabaye abagabo baganza abagore canke akarwi kari ku rushi k'abagabo bahambaye baganza abandi.

Mw'Itanguriro 1:28, Imana yahezagiye umugabo n'umugore bari kumwe, ibaha kuganza isi kandi ibaha umuhezagiro wo kurondoka (kuvyara). Icaha kimaze gushika mw'isi, ubwo bumwe, bwari hagati y'umuntu n'Imana, burapfa. Ivyaronkwa ku buntu bihindukamwo ibirinda gucumukurirwa kugira ubironke. Ubushobozi bw'ukuvyara abana Imana yari yahaye umuntu nk'umugisha, umugabo aca abikoresha mu kuganza umugore kandi bigatera ingorane ubuzima bw'umugore, mbere bigabanya iminsi yiwe y'ukubaho. Umuhezagiro wari watanzwe wo kuganza isi wahavuye uhindukira abagabo umutwaro uremereye kuko bari mu rugamba rwo kuganza isi n'ukuganzanya.

6. Soma ibiri ku rupapuro rukurikira. Mbega Imana yavuze ko abagore bazoshikirwa n'iki kubera icaha (kutayumvira) (umurongo wa 16)? Mbega ivyo bihurira hehe n'ibishikira abagore muri ino si yanduye?

7. Mbega Imana yavuze ko abagabo bo bazoshikirwa n'iki kubera icaha (kutayumvira) (imirongo ya 17 gushika 19)? Mbega ivyo bihurira hehe n'ibishikira abagabo muri ino si yanduye?

Mu vyirwa biri imbere tuzobona uburyo inyigisho za Yesu na Pawulo zikuraho uwo muvumo washikiye isi kandi zikongera kugarukana umubano ushitse Imana yari yararemeye abantu, haba hagati y'umugabo n'umugore, no hagati yabo n'Imana.

## Shira kino cigwa mu buzima bwa misi yose, ufatiye ku bibazo biterwa n'imigenzo, imico n'imigirwa

8. Bisunze Itanguriro igice ca 3, abantu benshi bigishijwe yuko umugabo n'umugore bavumwe n'Imana. Mbega ugutahura ubuhanuzi buri mw'Itanguriro 3:16-19, aho Imana idondora ingaruka z'inyifato yabo (bidasobanurwa umuvumo), bihindura uburyo wiyumvira ku kibanza umugabo n'umugore bafise imbere y'Imana?

9. Mbega mu mico yanyu canke iwanyu mubona ivyo abagabo baniganira ubutegetsi canke icubahiro bimeze gute?

| **Itanguriro igice ca 3** | **Ibiranga is yavumwe (yaguye mu caha)** |
|---|---|
| Umuvumo kw'isi, imikere | . Ubukene, gukehanirwa<br>. Ugafa ingingo bihagaze ku nyungu zikoneka Atari ku kwizera<br>. Umuryango wahindutse uburyo bwo kubaho: Abantu bagerageza kurondoka kugirango baronke icobabeshaho |
| Umugabo azorya arushe | . Abagabo bategerezwa gutama kugirango bashobore kubaho. |
| Umugabo azorya abanje kubira icuya | . Umuco w'icubahiro/agakengerwe<br>. Guhagarika umutima, uguhiganwa, umwitwarariko wo kuruta abandi (kuba uwambere), kwerekana ko atagira integenke, kuganza abandi. |
| Umugore azovyara ababaye | . Agaciro k'umugore kari mu kuvyara abana.<br>. Agaciro k'abana kabonekera muvyo bakorera abavyeyi babibarutse, ariko ntibabonwa nk'abantu ku giti cabo.<br>. Umugabo n'umugore wiwe bakavyara abana badashobora kurera<br>. Gushaka kuvyara abana benshi bitera haba guharika (kurongora abagore benshi) n'inkwano ihanitse. |
| Umugore abanje kuruha | . Umukenyezi ategerezwa gukora cane kugirango abone kuronka ibimutunga<br>. Igaburwa ry'ibikorwa hagatiy'umugabo n'umugore, abakenyezi basabwa gukora ibikorwa vy'imuhira, bibashoboza kuguma n'abana (Hari ibikorwa vyagenewe abagore n'ivyagenewe abagabo.) |
| Umugore azokwamanira | . Abakenyezi babeshwaho n'abagabo inyota umugabo wiwe (abagabo babo nibo buraro n'uburamuko)<br>.Abigeme barererwa kuziga ubuzima ku bagabo n'ugukwerwa nabo.<br>. Abagore/abakobwa bakama bikora kugira bame bashimwa.<br>. Abagore bipfuza kwubakana n'abagabo bafise ububasha bwo kuganza abandi |
| Umugabo azoganza umugore | . Abagabo bama aribo baganza mu nzego<br>. Abagabo bafise ububasha bwinshi mu rugo<br>. Abagore bategekwa kwumvira abagabo babo |
| Umuntu azosubira mw'ivu | . Urupfu |

## ICIGWA CA 4 Dominance

Muri rusangi, ubukuru bw'umuhungu mu muryango ni uburyo abagabo baharanira gutsinyiza abakenyezi, bakabaha ikibanza co hasi. Ariko, umuhinga w'ivya kahise ko mw'Isezerano Rishasha (S.Scott Bartchy) yanditse avuga yuko ubukuru si gusa abagabo bakandamiza abakenyezi, ariko kandi ni akarwi k'abantu bari ku rushi baja hejuru, bagategeka abandi bose, baba abagabo n'abagore. Uku kuniganira ubutegetsi rero kuboneka hagati y'abantu kuraheza kugafata isura y'ubuja, ubushumba, ubucuti hagati y'umukozi na shebuja kandi hakabamwo kukarangwa n'akamwanawamama canke n'agacinyizo/agahotoro. Muri uwo muco w'ukwo kuganza, kandi ukunganza kwitwa umuco 'icubahiro/ukumaramara, usanga abagabo bama barahiganwa kandi bakarwanira icubahiro, ububasha, ubwiza n'ukuba hejuru y'abandi n'ivy'ivyicaro biri hejuru y'abandi. Ugasanga kuri bo ikiruta ibindi vyose ni kwumira ku bwibone n'ukwirinda ko hogira ikibatosekaza. Uwubakoshereje na gato n'uwubatutse wese bategerezwa kumwihora, kuko kutihora bikurako agahuzu umuryango wose (bikurako igiciro n'icubahiro umuryango wabo wose) kandi vyerekana ko uwabigiriwe ntiyihore aba ari umunyantegenke. Indwano, amacakubiri y'amoko/intambara hagati y'amoko, kutizerana n'ugukoresha igikenye/ugukubagurana nivyo biharangwa kuko imiryango iguma iniganira utwo duke tuhari kugira ishobore kubaho. Abagabo bagerageza kwerekana ubugabo bwabo n'ububasha mu kunywa inzoga nyinshi, mu kuryamana n'abagore benshi, mu kuvyara abana benshi ku bagore batandukanye canke mu gutetereza abandi bagabo. Uburyo bumwe bwo kubabaza abandi bagabo ni uko haba gutongoza abagore babo bagasambana nabo canke bakabakorera ibiteye isoni; ivyo navyo bigaheza bigashira abagore mu kaga. Iyo nyota y'isi ijanye n'ukwama ugirwako bwakeye, uri umunyacubahiro, y'ukwama ushemagizwa, y'ukwihora canke kwikurako akagaye itera icifuzo gikomeye c'ukuvyara abana b'abahungu bazofasha ba se n'imiryango yabo, gushika ku butegetsi/mu bibanza bipfuza.

Igihe ca Yesu Kristo, ibihugu vyose vyari bizwi ico gihe vyatwarwa n'Ubwami bw'Abaroma. Imico y'Abayuda canke y'Abaroma yaganzwa hanini ni uko abahungu aribo bama bashirwa imbere (Naho ivyagezwe vyo mw'Isezerano rya Kera ryafashije mu gucuvya ibibi mu bayuda). Yesu yarigishije Abayuda bariko baramwumviriza,; mbere n'intumwa Paulo yarandikiye abantu baba mu bisagara vy'i Roma.

### Icubahiro gishingiye kukuba uri umugabo

Matayo 5:38-41

> "Mwarumvise yuko vyavuzwe ngo 'Ijisho rihorwe irindi, n'iryinyo rihorwe irindi, ariko jeho ndababwira: Ntimurwanye umunyakibi: ugukubise urushi mu musaya w'iburyo umuhindukirize n'uwundi, umuntu ni yagomba kukuburanya ngw'akunyage ipfundo, umuhebere n'umutamana; ugufata ng'umurenze umusozi umwe, umurenze n'uwa kabiri."

Hano Yesu ntabwo yariko aravuga yuko kibujijwe kwirwanira igihe woba utewe. Ivyo ariko aravuga ko - ikofe/urushi rwo mu musaya, akarenganyo, agacinyizo/ugucuranguzwa/gucunwa bufuni na buhoro ku kazi - ivyo vyari ibitutsi ariko si ibibangamiye ubuzima bw'umuntu. Umuco w'icubahiro/uguterwa isoni utwigishako uwugiriwe ikibi nk'ico ategerezwa kwihora canke yemere ko umuryango wiwe nawe nyene batakaza icubahiro imbere y'abandi bantu n'imiryango. Mu buryo buteye kubiri n'ubwo, Yesu yariko yigisha abantu kwibohora ukwo kuboherwa mu muzingi w'ihorihori. Yesu

yigishije abantu yuko igihe bishitse hakagira umuntu agutuka, ntumusubize, ahubwo urondere ingene wobihagarikira aho nyene, kugirango ntibibandanye. Nk'uko nyene, na Paulo yanditse avuga yuko igihe Abakristo barondera kwihora ikibi abandi Abakristo bagenzi babakoreye, baba bamaze kuzimira: "***Mbere n'ubu hari ico muhomvye rwose, kuko musubiranamwo mukaburana. Ntimwopfuma mugiririrwa nabi? Ntimwopfuma mwemera kugungwa?" (1 Ab'i Korinto 6:7)***

1. Ingorane iri mu kuguma ushimikira ku kwihora ni iyihe? Mbega muri ubwo buryo, ukwihora birashobora guhagarara?

## Ukuganza kw'izina muhungu

Luka 9:59-60

> Maze abarira uwundi muntu ati : "Nkurikira. Nawe, ati Mugenzi, banza undekure ngende mpambe data. Ariko Yesu aramubarira, ati reka abapfuye bahambe abapfuye babo, ariko weho gendaukwize ivy'Ubwami bw'Imana."

2. Mbega Yesu yariko arabwira iki uwo musore?

Hisunzwe inyishu igumye/itoroshe yatanzwe na Yesu, Bartchy yanditse avuga yuko se w'uyo musore atari bwapfe! Uwo musore yagomba kuvuga yuko imbere yuko akurikira Yesu, akwiye kubanza kugenda gukorera/gufasha se gushika acikanye. Muri ico gihe, abagabo/badata nibo bategeka/baganza mu miryango, mu buryo ntavuguruzwa; maze abahungu bashaka kuzorarwa bategerezwa kwumvira ba se igihe cose abo base bazoba bakiri bazima.

Muri ano majambo biragaragara yuko Yesu yaneguye umuco ujanye n'ukwiganza kw'umuhungu n'urupfu, hamwe n'abagomba kwitwaririka ivy'ubu bugingo bakaburutisha ivy'Ubwami bw'Imana. Birashobokako uwo musore yiyumvira kubanza gukora ivyo asabwa n'umuco - guhamba se – hanyuma yiyegeranirize umuragi (atorane) – naho atosubira mu kibanza ca se; maze aheze abone gukurikikira Yesu. Ariko ntidushobora gihenda satani – tubayeho tuganzwa n'ivy'isi, bizoduhitana.

3. Nimba uko ariko iki gisomwa gikwiye gutahurwa, none abo bapfuye Yesu yavuga boba ari bande? Mbega Yesu yagomba kuvuga iki igihe yavuga ati: "Reka abapfuye bahambe abapfuye babo"?

## Ubwibone/ubwishime n'ububasha

Mariko 10:35-37

> "Yakobo na Yohana, bene Zebedayo baramwegera (Yesu) baramubwira, bati Mwigisha turagomba k' uduha ico tugusaba cose. Arababaza ati, Mugomba ko mbaha iki? Baramwishura bat'uduhe ngo tuze twicare, umwe i buryo bwawe uwundi i bumoso, mu bwiza bwawe."

4. Mbega Yakobo na Yohana bariko barasaba iki?

Tubandanye na Mariko 10:41-45

> "Bamwe cumi bavyumvise batangura kwitonganiriza ivya Yakobo na Yohana. Yesu arabahamagara, arababwira, ati Murazi yuko abavugwa ko baganza amahanga bayatwaza amanyama, kandi n'abakuru bayo bayagirak'ububasha. Ariko muri mwebwe si ko biri. Yamar'ugomba kuba mukuru muri mwebwe, azabe umukozi wanyu: kand'ugomba kuba uw'imbere, az'abe umuja wa mwese. Kuko na none umwana w'umuntu atazanywe no gukorerwa, atar'ugukorera abandi, no gutanga ubugingo bwiwe kw'incungu ya benshi."

5. Ni kuki izindi ntumwa cumi zashavuriye/zitonganirije Yakobo na Yohana?

6. Mbega Yesu yabishuye iki?

Ayo majambo atangaje Yesu yabishuye yateye ikibazo ivyiyumviro vy'abigishwa biwe, ku buryo bari biteze ingene yokoresha "ubushobozi n'icubahiro vyiwe; mu kubishura ibihushanye n'ivyo bari basanzwe biteze igihe yari amaze kwiyita "Umwana w'umuntu".Dufatiye kuri Dan.7:13-14: "…***uwusa n'umwana w'umuntu***…".Uwo yaje imbere na mbere, ikinjana imbere y'uko Yesu, ameze nk'umwe yategerezwa kuza gucira imanza amahanga; uwo "azohabwa inganji, icubahiro n'ubwami, mu buryo amoko yose n'amahanga n'abavuga indimi zitari zimwe bazotegerezwa kumukorera."
Yesu yigaragaje nk'uwo Mwana w'Umuntu; kuri ubwo rero aca yamirira kure kwemera kwakira inyungu n'imwe ifatiye ku gikorwa ciwe gihambaye, ahubwo yemera gukorera abandi, mbere gushika aho atanga ubugingo bwiwe kw'incungu (Bartchy, 1987).

## Amacakubiri y'amoko (Intambara hagati y'amoko)

Luka 10:25-39

> " Maz'umwe mu bigisha ivyagezwe ava hasi, aramugeza, ati Mwigisha, nkore iki, ngo nze ndarwe ubugingo budashira? Nawe aramubaza, ati Vyanditswe bite mu vyagezwe, kandi usoma iki? Aramwishura, ati Ngo Mukundishe Uhoraho, Imana yanyu, imitima yanyu yose, n'ubugingo bwanyu bwose, n'inkomezi zanyu zose, n'ubwenge bwanyu bwose; kandi mukunde bagenzi banyu nk'uko mwikunda. Aramwishura, ati Wishuye neza, gira urtyo, uzogira ubugingo. Maz'uwo agomvye kwiyerekana nk'ugororotse, abaza Yesu, ati Mbega mugenzanje ni nde?

Ico dukwiye kumenya muri ano majambo atangurira uno mugani w'umusamariya w'imbabazi, ni uko uwo mwigisha w'ivyagezwe yahagurutse ngo "ageze" Yesu.
Ibihe musoma mu Butumwa Bwiza, muzobona ko ibihe vyinshi hagenda haboneka umuntu agomba kugeza Yesu. Iyo nyifato ijanye n'ivyo twamaze kubona vyo kurondera icubahiro/canke gukengera umuntu; muri uwo muco abagabo bakunda gusotoresha abandi amajambo canke bagatega abandi mu majambo kugirango bayatsitaremwo maze bavuge ibintu bishobora kubashira mu kaga. Muri uyu mugani, Yesu yakebuye uwo mwigisha w'ivyagezwe "yagomvye kwiyerekana kwagororotse", amutega uyundi mutego, mu kumubaza ati "Mbega mugenzanje ni nde?"

Tubandanye na Luka 10:30-37

> "Yesu aramwishura, ati Habaye umuntu  yar'avuye I Yerusalemu, arikw'aramanuka aja i Yeriko, agwa mu bambuzi, baramukoba, baramukubita, barigira, basiga ashigaje gatoya agahwera. Hariho umuherezi amanuka muriyo nzira, amurengukako, amubonye, amuca iruhande. Kandi n'umulewi ahashitse, agira kuno. Amubonye aca iruhande. Maze umusamariya, yari mu nzira, ashika kuri we; amubonye, amutera akagongwe. Aramwegera, amupfuka inguma, amusomoza amavuta ya elayo na vino, amushira ku ndogoba yiwe, amujana mu ndaro y'abahita, aramurwaza. Bukeye, agoborora idenariyo zibiri. Aziha nyen'indaro, ati Umurwaze, kandi ivyo uzotanga vyose birenze ivyo; ninagaruka, nzobikwishura. Murabo batatu, ugira ngo ninde yabonetseko ari umugenzi wuwaguye mu bambuzi. Aramwishura ati Ni uwamugiriye imbabazi. Yesu aramubarira, ati Nawe genda ugire urtyo."

7. Abayuda baranena/baranka Abasamariya. Mbega Yesu yagomvye kwerekana iki muri uw'umugani, mu gufata uwu Musamariya nk'akatabonetse mu gukora iciza?

## Umunyakuri/Umugabo w'abagabo

Matayo 5:27-28

> " Mwarumvise ko vyavuzwe, ngo Ntugasambane. Ariko jeho ndababwira yuk'umuntu wese araba umugore akamwipfuza, aba amaze gusambana nawe mu mutima wiwe." (Whoever desires to use a woman as an object of lust have committee adultery.)

8. Akenshi abagabo bumva basunitswe n'ukuryamana n'abagore benshi kugirango berekane ubugabo bwabo. Mbega Yesu, akoresheje aya majambo "ukwifuza kwo mu mutima", yatanze inyishu iyihe kuri iyi ngorane?

9. Mbega bino bintu bibi vyose twamye tuvuga bihuriye hehe?

## Shira kino cigwa mu buzima bwa misi yose, ufatiye ku bibazo biterwa n'imigenzo, imico n'imigirwa

10. Mbega kwizera kuri mu bagabo ko bategerezwa gushikira ibibanza vyiza vyiza bipfuza kandi no kuganza abandi; ivyo bibatera badashikira iki kandi bibabaza/bibaruhisha gute?

11. Bagabo: Mwumva ar'iki kibasunikira kugira inyifato iyo ari yo yose mu zo twariko turavuga? Mbega inyishu yo kunesha iyo bishitse ukumva uriko urageragezwa no kugira inyifato isa n'izo twariko turavuga, yoba iyihe? (Ibi ni ibibazo vyerekeye abagabo)

12. Bagore: Mbega hari aho woba warigeze kwumva wipfuza kubona umugabo wawe aganza abandi canke yokwihora abamugiriye nabi? Mbega wumva iyo nyifato yawe canke ivyo vyipfuzo vyawe vyohinduka gute kugirango ahubwo ushobore gufasha abagabo kugirira umwidegemvyo muri Kristo? (Ibibazo vyerekeye abagore)

## ICIGWA CA 5 Umwami bisobanurwa iki?

Yesu yaraneguye ivyipfuzo vyinshi vy'abantu bico gihe, mbere na b'ubu, ku vyerekeye ico bisobanura kwitwa umugabo. Iyo umugabo ari muri Kristo,(Umugabo Mushasha muri Kristo) ntaheza ngo aharanire icubahiro, amafaranga canke kuba rurangiranwa mu kurangura amabanga mpuzabitsina canke mu kugerageza kuba hejuru y'abandi. Mbega none bisobanura iki igihe Yesu tumwita Umwami?

### " Uri Kristo…"

Mariko 8:27-33

> Yesu … abaza abigishwa biwe, at'Abantu bagira ngo ndi nde? Baramwishura bati Bagira ng'uri Yohana Umubatizi, abandi ng'uri Eliya, abandi ng'ur'umwe mu bavugishwa n'Imana. Nawe arababaza, at'Ariko mweho mugira ngo ndi nde? Petero aramwishura, at'Uri Kristo. Arabihanikiriza ngo ntihagire umuntu babwira ivyiwe.
>
> Atangura kubigisha, at'Umwana w'umuntu akwiye kuzobabazwa uburyo bwinshi, no kuzokwankwa n'abashingantahe, n'abaherezi bakuru, n'abanyabwenge b'ivyanditswe, no kuzokwicwa, maze hashize imisi itatu akazuka. Avuga iryo jambo adakingitiranije. Petero aramwihererana, atangura kumwamira. Arahindukira, abona abigishwa biwe, akankamira Petero, ati Herera inyuma yanje, Satani, kukw'ivy'Imana atari vyo ubabaye, ariko n'ivy'abantu.

Mu gihe ca Yesu Kristo, abayuda barizera yuko Imana izorungika Mesiya wo kuza gucungura *ubwami bwo mw'isi*, bukegurirwa Isirayeli. Abayuda bari biteze umutware/umurongozi ameze nka Dawidi canke Salomo, umwami agororotse azobacungura, akabakura mu buja bw'Abaroma.

1. Igihe Yesu yatura ko ariwe Mesiya, ariko agaca avuga ko abantu bazomwanka, bakamwica, ni kuki Petero yiyamirije ko apfa?

Inyishu ya Yesu (Yesu yaciye amwishura ati): "Herera inyuma yanje Satani!". Ibi bitwibutsa ikigeragezo ca gatatu aho Satani yagerageza Yesu mu bugaragwa (Matayo 4:8-10). Ico kigeragezo cavuga ngo: "Umurwanizi yongera kumujana ku musozi uhagaze cane, amwereka ubwami bwose bwo mw'isi, n'ubwiza bwabwo, ati Ivyo vyose ndabiguha, ni wampfukamira ukansenga. Buno Yesu aramubwira ati Mvako Satani, kuko vyanditswe ng'Uhoraho, Imana yawe abe ariyo usenga, kandi abe ariyo usaba yonyene."

2. Mbega hari ihuriro irihe hagati y'ico Petero yari yiteze kuri Mesiya n'ikigeragezo ca gatatu satani yageragezesheje Yesu mu bugararwa?

### Tubandanirize muri Mariko 8:34, 38

> Ahamagara ishengero bo n'abigishwa biwe, arababwira, ati "…kuk'umuntu wese bizotera isoni kunyemera no kwemera amajambo yanje mur'iki gihe c'ubusambanyi kandi c'ikinyavyaha, n'umwana w'umuntu bizomutera isoni kumwemera, aho azozira afise ubwiza bwa Se, azananye n'abamarayika bera."

3. Ni kuki Yesu yavuze ko abamukurikira bazoterwa n'isoni?

Igihe Yesu yariko arigisha abigishwa biwe (abamukurikira) ku vyerekeye uburyo Imana ikoresha ubushobozi bwayo, vyarabagoye cane gutahura, naho yabisubiramwo kenshi. Mbere n'igihe Yesu yaramaze kubambwa, abigishwa biwe bagumye biteze ko Yesu bizoshika akaba umwami wo kuganza isi (Ivyakozwe n'intumwa 1:6).

## Ibirenga bicafuye (Kwoza ibirenge)

Yohana 13:3-10, 12-17

> [isangira rya nyuma] Yesu yari azi ko Se yamuhaye vyose, yabishize mu maboko yiwe, kandi ko yavuye ku Mana, kandi ko agira asubire ku Mana. Ava hasi mw'iriro, akura umutamana, yabira icambazo, arakenyera, araheza asuka amazi mu mubehe, atangura kwoza ibirenge vy'abigishwa n'ukubihanaguza icambazo akenyeje. Nuko ashika kuri Simoni Petero. Nawe aramubaza ati, Mugenzi niwewe unyoza ibirenge? Yesu aramwishura ati Ico jewe ndiko ndakora, wewe nturibukimenye ubu. Ariko uzokimenya hanyuma. Petero aramubwira ati Ntaho uzokwigera unyoza ibirenge, gushitsa ibihe vyose. Yesu aramwishura ati, Nintakwoza, ntaho tuzoba duhuriye. Simoni Petero aramubwira, ati Mugenzi, ntugarukirize ku birenge gusa; ariko ushikane ku maboko no ku mutwe. Yesu aramubwira ati Uwariyiyuhagiye, nta kindi agomba Atari kwoga ibirenge kuko aba akeye umubiri wose …
>
> Ahejeje kuboza ibirenge, yabira umutamana wiwe, yongera kwicara, arababaza, ati Mbega muramenye ico mbagiriye? Munyita Mwigisha na Shobuja. Kandi mubivugako, kuko ariko ndi. Nuko rero, ko jewe mbogeje ibirenge kandi ndi shobuja na mwigisha, namwe mukwiye kwozanya ibirenge kuko mbahaye akarorero kugira ngo nkuko jewe mbagiriye, abe ariko namwe mugira. Ni ukuri, nukuri ndababwire, umushumba ntaruta shebuja kandi n'intumwa ntiruta uwayitumye. Ni mwamenya ivyo, muzoba muhiriwe ni mwabikora.

Mu migenzo y'Abayuda, kwoga/kwoza ibirenge cari ikintu nkenerwa cane. Abantu bambara isandala, kuri ubwo ibirenge vyabo vyarandura kuko aho baca hari mu mukungugu. Abantu rero bicara bubitse urubavu/bararambarara; aho rero uwo ariwe wese yarabona ivyo birenge biriko umukungugu/bicashuye. Mu migenzo y'Abayuda rero, igikorwa co kwoza ibirenge abashitsi, cerekana ko wabakiriye ubakunze kandi n'urweze. Ariko ico gikorwa cabonekako kigayitse/gisuzuguritse, mu buryo ata mukozi wo mu bwoko bw'Abayuda yagikora – ahubwo cari cahebewe abashumba b'abanyamahanga.

4. Mbega ni kuki Petero vyamubabaje? Igihe Yesu yemera gukora igikorwa cari cagenewe abashumba bo mu nzu, mbega vyasobanura iki turavye ico Petero yari yiteze gukora?

5. Ni kubera iki Petero yasavye Yesu kumwoza umubiri wose?

Bartchy amenyesha yuko umugabo wo muri uyu muco, akwiye kubanza guhinduka burundu kugira yemere uru rutonde rushasha rwo gukora ibintu. Canke Petero yoba yagomvye gufata ivyo, agerageza kubishira mu "mpwemu", kugirango noneho gifatwe nk'umugenzo uzokwama ukwirikizwa aho kwibaza ko ari igikorwa kigayitse, citezwe gutangura gukorwa ico gihe kandi kizoshishikare.

6. Vuga ibindi bihe aho Yesu yerekanye akoresheje amajambo canke uturorero yuko ivyiyumviro vy'isi bijanye n'ubutegetsi, icubahiro n'ubushobozi bidafise ikibanza mu Bwami bw'Imana.

7. Mbega guca bugufi kw'umukristo nico kimenyetso conyene twofatirako mu kwemeza ko ari umukristo w'ukuri? Mbega Yesu Kristo yicishije bugufi mu gihe cose yari kw'isi kugirango ashobore kuronka uburenganzira bwo kuba "umwami", aganza abantu bose?

Icivugo c'abakristo ba mbere, kivuga ko Yesu ari Umwami, cavyaye inzira zibiri. Ica mbere y'ibindi vyose, iyo tuvuze ko **Yesu ari Umwami.** Bisobanura ko ata wundi muntu n'umwe ariho ashobora kwitwa umwami. Abaganza bo mw'isi, baba abami, abakuru b'ibihugu canke abasenyeri, data, umugabo/serugo, nta numwe ashobora kwitwa umwami mu cubahiro nk'ica Kristo. Yesu niwe Mwami. Ico nico kintu ca mbere co gutahura neza.
Ubu rero ukuganza kw'Umwami dushobora kugutahura neza mu bakristo, kuki ni Yesu Kristo yiremeka vyose. Yesu ni we aganza atavangiwe n'ikindi na kimwe. Ntiyemera ko hari uwundi amuvanga muri ico kibanza, ariko yicisha bugufi akora igikorwa c'umushumba. Yesu yadutumiriye twese kumera nkawe mu kwicisha bugufi baba abagabo canke abagore. Nimba Umwami wacu ari Yesu, tuzokwirinda gukoresha ubushobozi twahawe mu kubategeka nabi no kuganza nabi ibintu, ariko tuzorondera uburyo bwo gushoboza abanyantegenke, kuramira/kuvyura abatemvye, kunwanisha abacanyemyo, kuvura abafise ibisebe vyo mu mutima, guhimiriza abantu ngo bakure mu vy'Imana kandi biteho/bafate nkankama amabango bajejwe, no gutera ikibano/abantu bari kumwe basubizwamwo ubuzima.
Mumenye neza: Mu guhushanya n'ubutegetsi bw'agahotoro, tumenye nez ako hari ubundi butegetsi bwisunga ubwa Kristo, kandi buriho ku bwinshi (Bartchy,1993).

## Shira kino cigwa mu buzima bwa misi yose, ufatiye ku bibazo biterwa n'imigenzo, imico n'imigirwa

8. Yesu amaze kumenya yuko Imana yamuhaye kuganza vyose, yaciye akoresha ububasha bwiwe mu gukora ivyo abigishwa biwe bibaza ko bibasuzuguza, maze abasaba ko bokwigana iyo nyifato yiwe. Mbega muri kino gihe cacu, ivyo bisobanurwa iki ku buryo dutegerezwa gukoresha ububasha ubwo aribwo bwose dufise ku bandi? Mbega ivyo bisobanurwa iki ku mubano w'umugabo n'umugore, bisobanurwa iki ku bumwe hagati mw'ishengero, ku bumwe mu muryango?

## ICIGWA CA 6 Gucungurwa umuvumo

Igihe Adamu na Eva, abantu ba mbere, bagarariza Imana (Itanguriro igice ca 3), imigenderanire myiza Imana yari yateguye ko ibaho hagati y'umuntu nayo, kandi yariho ico gihe, yaciye yononekara. Ubu rero, kugira tubeho, tubanza gukora tugacumukura. Umubano ntugishingiye muri bwa bumwe n'urukundo twari twaremewe, ariko noneho kurongora vyabaye uburyo bwo kurondera uwuza kugufasha urugamba rwo kubaho. Abakenyezi barakora cane bakaruha mu kuvyara abana, mu kubarera no mu kubungabunga abagabo babo. Buno bucumukure bwo mu ngo butuma rero abakenyezi beza amaso ku bagabo haba mu kubaho canke mu gukingirwa. Abagabo nabo ikibaraza ishinga ni kuniganira cane cane ubukuru bwo kuganza abandi. Biragoye rero kwongera gushikira wa mugambi wa mbere w'Imana igihe Yashinga umuryango – "kuba umubiri umwe, kugenda amenya ariko ntugire isoni." - muri ino si imeze uku imeze.

Ubuzima n'inyigisho vya Yesu Kristo bitwereka inzira dushobora gucamwo tukava mu mibabaro tukaja mu buzima bwiza nk'ukw'Imana yari yarabiduteguriye kuva isi ikiremwa, mw'itongo rya Edeni.

Matayo 19:16-26

> Haza umuntu aza kuri we, aramubaza ati: "Mwigisha, nkore iciza ki ngo ndonke ubugingo budashira? Aramubaza ati, Umbariza iki iciza? Inziza ni mwe. Ariko asangwa ugomba kwinjira mu bugingo, witondere ivyagezwe. Aramubaza ati Ni ibihe? Yesu aramwishura, ati Ntukice, ntugasambane, ntukibe, ntukagirize abandi ibinyoma, wubahe so na nyoko, kandi ukunde muganzawe nk'uko wikunda. Wa musore, aramubwira ati Ivyo vyose naravyitondeye. Hari kindi mpajije? Yesu aramubwira, ati asangwa ugomba kuba agahore, genda ushore ivyo utunze, ugabire aboro, niho uzogira itunga mw'ijuru; uteko uze unkurikire. Uwo musore yumvise iryo jambo, agenda ababaye, kuko yarafise itunga ryinshi.
>
> Yesu abwira abigishwa biwe ati Ndababwire ukuri. Biragoye ko umutunzi yinjira mu Bwami bwo mw'ijuru. Kandi ndababwira yuko icoroshe ari ingamiya guca mu zuru ry'urushinge biruta k'umutunzi yinjira mu Bwami bw'Imana. Abigishwa bavyumvise baratangara cane, bati None rero ninde ashobora gukizwa? Yesu arabitegereza, arababwira ati Kubw'abantu, ico ntigishoboka. Ariko ku Mana, vyose birashoboka.

1. Mbega umuntu ahambaye (ni uwo ivyiwe vyose bigenda bitera imbere, ni uwo ari mu kibanza c'icubahiro nk'uko ab'isi babibona), abandi bitezeko inyifato yiwe iba iyimeze gute iki?

2. Abigishwa ba Yesu barakangutse bumvise ivyo Yesu avuze ku mugani w'mutunzi. Mbega abakristo bemera ku rugero rungana gute icemezo ko abatunzi aribo bakwiriye gushirwa imbere kuruta aboro?

Matayo 6:25-34

> "Ni co gitumye mbabarira nti Ntimukaganyire amagara yanyu, ivyo muzorya canke ku vyo muzonwa canke umubiri wanyu kuvyo muzokwambara. Mbega amagara ntaruta ivyokurya canke umubiri nturuta ivyambarwa? Nimurabe

ibiguruka vyo mu kirere, ntibibiba, ntibishwabura, kandi ntivyimbura mu bigega ariko So wo mw'ijuru arabitunga. Mbega mwebwe ntimubiruta cane? Ninde muri mwebwe yoshobozwa n'amaganya, kwisumvya uko yareha nk'ukuboko kumwe? Ikibaganyisha impuzu niki? Nimurabe amashurwe yo ku misozi ingene akura. Ntiyirirwa aratama, ntajisha impuzu, ariko ndababwira yuko na Salomo mu bwiza bwiwe bwose, atarashajije nka rimwe murayo. None Imana ko yambika ivyatsi vyo ku misozi irtyo, biriho uyu munsi ariko nk'ejo bigatererwa mu ziko; mbega ntizorushiriza kubambika mwebwe ab'ukwizera guke mwe? Nuko ntimukiganyire ngo tuzorya iki, tuzonwa iki canke ngo tuzokwambara iki? Kuko ivyo vyose abanyamahanga arivyo bitwararika. Ariko So wo mw'ijuru araziko ivyo vyose mubikena. Ariko mubanze mwitwararike Ubwami bw'Imana n'ukugororoka kwayo; niho ivyo vyose muzovyongerwa.

Ntimukiganyire ivy'ejo kuko umunsi w'ejo uzoba wiganyira ivyawo. Umunsi ukwiranye n'amagorwa yawo."

3. Muri iki gisomwa, Yesu agomba gushika kuki/kuvuga iki?

4. Erekana itandukaniro hagati y'amajambo ya Yesu muri iki gisomwa n'amajambo Imana yabwiye Adamu mw'Itanguriro 3:17-19:

"Uzaniye isi umuvumo; uzokwama urya ibirivamwo ubiruhiye, imisi yose y'ukubaho kwawe; rizohora rikumerera imikere n'ibitovu, arik'uzotungwa n'ibirimano vyo mu ndimiro; kwirirwa urabira akuya ni kwo kuzoguhesha ivyo kurya ur'urinde usubira mw'ivu, kukw'ariryo wakuwemwo: ur'umukungungu, kand'umukungugu niwuzosubiramwo."

Ni incuro nyinshi Yesu yateye abamukurikira/abigishwa biwe kwizera ijana kw'ijana ko basubiye muri wa musesekara w'Imana. Mu gishingo c'amahwa, abagarutse ku Mana bategerezwa kwizigira amata n'ubuki.

Ibi ntibisobanurwa ko tutagikwiye gukora kugira dushike ku ntumbero. 2 Ab'i Tesalonike 3:6-10 havuga ati: "….. kuzibukira mwene Data wese agenda asaragurika, canke adahurikira ivyo mwashikirijwe natwe. …….. twagira ubutame n'ubucumukure, dukora ku murango no mw'ijoro …..n'ukugira ngo tubabere icitegererezo ngo mutwigane. Kuko tukiri kumwe namwe, twabageze iki: ng'umuntu wese niyanka gukora, ntakarye."

Mu kurema, Imana yaremeye abantu kugira "babungabunge" canke "biteho" itongo rya Edeni (Itanguriro 2:15). Abantu, Adamu na Eva, bamaze kurwa mu caha, isi yaravumwe, kandi umugabo n'umugore nabo basabwa kubira icuya n'ugucumukura kugira baronke ico barya. Igihe rero twakiriye Yesu Kristo mu bugingo bwacu, araducungura, bisobanurwa kwongera kutugura adukura mu buja. Tubayeho mu kwizera Yesu Kristo, tuba tuvuye mu muri ukwo gucumukura n'ukwuzura ubwoba n'ukwikunda (Itanguriro 3:16, 17), ahubwo twimukiye mu "kubungabunga canke kwitaho isi" tunezerewe (mu munezero). Ibintu, nk'ivyo turya, twambara, … ntiibiba bikidutera ubwoba n'uruhagarara, mu minsi yacu yo kubaho kw'isi.

5. Igihe mwoba muri mukorera mu mirwi, umwe wese afate umurungo muri iyi ikirikira, awesome awigeko. Mu murongo uwo ariwo wese, toramwo ikigaragaza ukurwa mu caha kw'umuntu ubigereranye n'ivyo Kristo yaduhaye?

1 Ab'i Korinto 15:22, 26;

Ivyahishuriwe Yohana 7:16, 17;

Ivyahishuriwe Yohana 22:2-3;

2 Timoteyo 1:10;

Ivyahishuriwe Yohana 21:3-4

## Shira mu ngiro

6. Itandukaniro riri hagati yo “gucumukura” n’ “ukubungabunga canke kwitaho isi” ni irihe? Mbega hari uturorero wotanga ufatiye ku buzima bwawe?

7. Mbega ivyo Yesu yadusezeraniye, tuzobironka tugeze mw’ijoro gusa canke dutangura ku bibamwo tukiri kw’isi? Asangwa ijuru duhera kuribamwo tukiri kw’isi, ivyo bihindura gute ingene tubayeho?

8. Mbega kuba umukristo bisobanurwa kudakora? Canke ko hari ibikorwa abakristo barengeye (badakwiye gukora)?

9. Asangwa waracunguwe, ngo uheze ubone gukora “nk’ukubungabunga” isi atari “gucumukura”; kubona ibintu muri ubwo buryo bihindura gute uburyo ufata umugore canke umugabo wawe? Ufata abana banyu?

## ICIGWA CA 7 Umwidengemvyo Yesu Kristo aha Abakenyezi

Muri ino si y'ikinyavyaha, mbega n'ibihe bintu abagabo bifiza/bakeneye guhabwa n'abakenyezi babo canke gukorerwa nabo?

1. ……………………………………………………………………………….
2. ……………………………………………………………………………….
3. ……………………………………………………………………………….

Ingaruka imwe yo kuba muri ino si y'ikinyavyaha (amahwa n'ibitovu), ni uko umukenyezi, ahanini agaciro kiwe gahagaze:

a) Mu gushobora kuvyara abana
b) Mu gukora ibikorwa vyo mu nzu
c) Mu kunezereza umugabo mu buryo bwo kurangura amabanga mpuza bitsina

Ariko, Yesu we yaje kutubohora ingaruko z'uko isi yaguye mu caha. Akadukura ku vyo kwitega ibiva kuri umwe bija ku wundi atarivyo, akadutumbereza ku kuri kw'ibintu bikuru bikuru biri mu muntu, yaba uw'igitsina gabo canke igistina gore.

### Umukenyezi no kuvyara abana

Luka 1: 26-28, 30, 34, 35, 38

> …umumarayika Gaburiyeli atumwa n'Imana mu gisagara c'i Galilaya, citwa Nazareti, ku nkumi ikowe n'umugabo yitwa Yosefu, wo nzu ya Dawidi. Izina ryiyo nkumi ni Mariya. Yinjira ahari, aramubwira ati …. "Ntaco utinya Mariya kuko ugiriwe ubuntu n'Imana. Umve uzosama inda, uvyare umuhungu kandi uze umwite Yesu….." Mariya abaza umumarayika ati "Ivyo bizoshoboka bite ko ntaramenya icitwa umugabo? Umumarayika aramwishura ati "Mpwemu Year azokuzako, ubushobozi bw'Isumbavyose buzogutera igitutu. Nico gituma Uwera azovuka azokwitwa Umwana w'Imana …" Hanyuma Mariya aramubwira ati "Ehe ndi umugurano w'Umwami Mana. Bimbere ukw'ijambo ryawe wivuzwe"

Gusubira mu Vyagezwe 22:20-21

> Naho ivyo nivyaba vy'ukuri; atabimenyetso vy'ubwigeme vyabonetse kuri uwo mukobwa, baze bamusohokane, bamujane ku muryango w'inzu ya se, abagabo bo muri ico gisagara cabo bamwicishe amabuye.

1. Ni akahe kaga kari gushobora gushikira Mariya, nyina wa Yesu, igihe yemera gutwara inda atari iyo umugabo wiwe (Yosefu)? Mbega ukwo kwemera ako kaga bitwigisha iki kuri kamere ya Mariya?

Luka 11:27-28

Akivuga ivyo (Yesu), umugore wo mw'ishengero ashira hejuru, aramubwira ati "Hahirwa inda yakuvyaye, n'amabere yakwonkeje. Nawe aramwishura ati "cane cane hahirwa abumva Ijambo ry'Imana bakaribungabunga".

2. Mbega ni iki uwo mugore yavuze gihambaye kuri nyina wa Yesu, Mariya?

3. Muri ino si yanduye, abakenyezi bahabwa agaciro n'uko bavyaye abahungu benshi kandi bafise ico bamaze. Ariko Yesu yavuze ko igihambaye ari iki kuri nyina wiwe? Mbega aya majambo Yesu yavuze yerekana umuntu ahiriwe uwo ariwe, afitaniye isano rihe n'inkuru y'ukuvuka kwiwe? Mbega ibi bisobanurwa iki kuco Imana ibona ko ari ingirakamaro ku mukenyezi?

## Umukenyezi nk'umukozi

Luka 10:38-42

> Maze bakiriko baragenda, bashika mu mihana: umugore yitwa Marita aramwakira amushikiza mu nzu yiwe. Uwo yarafise mwenenyina, yitwa Mariya. Yicara imbere y'ibirenge vy'Umwami Yesu. Yumva ijambo ryiwe. Ariko Marita ahagarikira umutima kuzimana vyinshi. Aramwegera aramubwira ati "Mugenzi ntibikubabaje yuko mwenemama yantereranye ibikorwa? Nuko mubarire amfashe. Umwami Yesu aramwishura ati "Marita, Marita, uriganyira wigora muri vyinshi. Ariko ibikwe rwose ni kimwe; ko Mariya ahisemwo umugabane mwiza; atazokwakwa."

4. Amajambo "kwicara ku birenge" vy'umwigisha yasobanura ko nyene kuhicara yari umunyeshure canke umwigishwa wa nyene kwicarwa imbere. Ico ntabwo cari ikintu umukenyezi yaramenyereye gukora. Yesu ukwemera ko Mariya yicara imbere yiwe, bitubwira iki ku vyerekeye ingene Yesu abona abakenyezi?

5. Yesu yagereranije umwitwaririko Marita yari afise wo kurondera ivyo kuzimana Yesu n'uburyo Mariya yahisemwo kwumviriza/kwiga Ijambo ry'Imana. Mbega inyishu ya Yesu yabohoye Marita gute?

6. Mbega izi nkuru zibiri zerekeye ba Mariya babiri zisangiye iki? Mbega abagabo canke abagore bashobora kwigira iki kuri aba ba Mariya babiri?

## Shira mu ngiro

7. Mbega izi nkuru zisobanura iki ku bakenyezi ba kino gihe? Zisobanura iki ku bakenyezi batavyaye (ingumba) canke bavyara abakobwa gusa?

8. Ni gute dushobora kwirinda "kwiganyira n'ukubabazwa" n'ivyo isi itwitezeko ko dutegerezwa kuba turi nk'abagabo canke nk'abagore kugirango twiyegurire ibifise ikimazi nyakuri?

9. Bagabo, mwoha umwidegemvyo abagore banyu kugirango babe abigishwa ba Yesu (bicare ku birenge vya Yesu) gute?

## ICIGWA CA 8 Yesu n'Umugore "ahumanye"

Abanyedini bamwe bamwe biyumvira ko umukenyezi n'icipfuzo co kuryamana abagabo bafitiye abagore ari umuzi w'ibibi vyose. Bata ibirake ku bagore ngo nibo batuma haba ukwipfuza mu bagabo kandi bizera yuko kubakumwe n'umugore uba uhumanye. Uko niko vyari biri no mu gihe ca Yesu Kristo. Umugabo w'umuyuda yarashobora kwahukana n'umugore wiwe bitewe gusa ni uko amubonye avugana n'uyundi mugabo mw'ibarabara. N'abagabo baboshwe n'ivyiyumviro/imico nk'iyo (icubahiro/uguteterwa), abagore n'abakobwa bari mu miryango yabo babatera uruhagara nk'uko ari intambamyi ku cubahiro cabo; nk'uko umugore yiyumviriwe ko yakoze ibiteye isoni aba atukishije/amaramaje umuryango wiwe.
Yesu rero we yarashigikiye ico Ijambo ry'Imana rivuga ku vyo kwabirana, ariko abantu baratsitaye kenshi igihe atareka ngo ubwo bwoba bumuze kubwira Ijambo ry'Imana abagore, ngo abakumire mu vyo yakora vyose canke ngo ababuze gukwiza Ubutumwa Bwiza..

### "Ayaba yarazi uwumukozeko …"

Luka 7: 36-39

> Maz'umwe mu bafarisayo aramuhamagara ngw'amuzimane. Yinjira mu nzu y'uwo mufarisayo, aricara ngo arye. Umugore wo mur'ico gisagara, yari umunyavyaha, amenye yukw'arira mu nzu y'uwo mufarisayo, azana ikebano ry'amavuta atamirana, ahagarara inyuma yiwe, hafi y'ibirenge vyiwe, arira, atangura kumutonyangirizako amosozi ku birenge, abihanaguza umushatsi wiwe, arabisomagura, abisiga ya mavuta.
>
> Wa mufarisayo yamuhamagaye abibonye, aribwira, at'uyu muntu iy.aba uvugishwa n'Imana, yari kumenya uyu mugore amukozeko ukw'ari kand'ukw'asa,, kw'ari umunyavyaha.

1. Ni kuber'iki uwo mufarisayo yatsitaye?

Bandanya usome Luka 7:40-47

> Yesu aramubwira, ati "Simoni, mfise ico ngomba kukubwira." Aramwishura ati "mbarira, Mwigisha." Aramubwira ati "habaye umuntu yagurana, yari afise abari mu mwenda wiwe babiri. Umwe yaramufitiye idenariyo amajana atanu, uwundi mirongo itanu. Maze badafise ico bamwishura, azibahebera bompi. Mbega uwuzorushiriza kumukunda ninde?" Simoni aramwishura ati "ngirango nuwo yahebeye vyinshi." Nawe aramubwira ati "Uvuze ukuri." Ahindukiriye wa mugore, abwira Simoni ati "urabona uw'umugore, ninjiye mu nzu yawe, ntiwampaye amazi yokwoga ibirenge. Ariko uyu, antonyangije amosozi ku birenge, abihanaguza umushatsi wiwe. Ntiwansomye, ariko uyu uhereye aho ninjiriye, ntiyashizeho kunsomagura ibirenge. Ntiwansutse amavuta ku mutwe; ariko uyu ansize amavuta atamirana. Iki nico gitumye nkubwira yuko ahariwe ivyaha vyiwe vyinshi…"

2. Mbega Yesu yibajije iki kuri uwo mugore amukozeko?

3. Mbega hoba har'aho tubona Yesu Kristo yagerageje kwirinda abagore/abakenyezi?

## Umukenyezi kw'iriba

Yohana 4:7, 9

> Haza umugore w'umusamariyakazi kuvoma. Yesu aramubwira, ati "umpe utwo kunywa." …. Uno Musamariyakazi aramubaza, ati "wewe ur'umuyuda, none unsaba amazi ute, jewe nd'umusamariyakazi?" (Ni kukw'Abayuda n'Abasamariya banenana.)

Hari urwanko rukomeye hagati y'abayuda n'abasamariya. Bafatiye ku migenzo y'idini, abayuda bibazako abasamariyakazi banduye kandi bahumanye (Massy,1989). Ikirengeyo ico, kimwe mu bintu bihambaye kuruta ibindi ni uko abagore bahumanye cazirako bakora ku gikombe co kunyweramwo – igitangaje, nguyo Yesu nawe asaba uwo mugore amazi yo kunywa! Nta nkeka, uwo mugore vyaramutangaje.

Bandanya usome Yohana 4: 16-18, 25-26

> Yesu aramubwira, ati "Genda uhamagare umugabo wawe, uheze ugaruke ino." Uwo mugore aramwishura ati "Nta mugabo mfise." Yesu aramubwira ati "Uvuzeko ko uvuze ngo nta mugabo ufise, kuko wari ufise abagabo batanu ariko uwo ufise ubu si umugabo wawe!"
> ……. Nya mugore aramubwira ati "Ndaziko Mesiya azoza yitwa Kristo. Uwo aho azozira, niwe azoduserurira vyose." Yesu aramubwira ati "Ni jewe nyene turiko kuravugana."

4. Ingeso z'uyu mugore, mu bijanye n'uguhuza ibitsina, zari gutuma umuyuda uwo ariwe wese w'umugabo amwigirwa kure canke amwirukana; kandi ico cari ikintu Yesu yar'asanzwe azi neza. Ahubwo, Yesu aca abivugako, abishira ku mugaragaro. Mbega kuba Yesu yarazi ubuzima bw'uwo mugore (ingene abayeho), vyoba vyamutumye atavugana nawe? Mgega n'ikihe kintu nyamukuru Yesu yahishuriye uwo mugore?

Bandanya usome Yohana 4:27

> "Bun'Abigishwa biwe barashika. Batangazwa n'uko avugana n'umugore…"

Mu migenzo y'abayuda, carazira yuko abagabo n'abagore baganirira mu maso y'abantu; kandi no mu bihe bindi (abantu batabona), ntabintu vyinshi bari bafise bahurirako. Hari n'abagabo bamwe birengagiza abagore babo n'abakobwa babo iyo baba bari mu maso y'abandi bantu kugirango ntihagire ababacishamwo ijisho (abavuga ko ari abanyangeso mbi). Abigishwa vyarabatsitaje kubona Yesu avugana n'umugore.

Uwo musamariyakazi yarahejeje asubira mu gisagara ciwe, maze aba uwambere wo gushingira intahe Yesu Kristo. Yohana 4:39-42 hatubwira yuko ikiganiro cabaye hagati ya Yesu n'uwo musamariyakazi bari kw'iriba, catumye abantu benshi bizera Kristo.

## Bifata umwe ntibifata uwundi

Yohana 8: 3-11

> Abanyabwenge b'ivyanditswe bo n'abafarisayo bamuzanira umugore afashwe asambana, bamushira hagati. Baramubwira bati "Mwigisha, uyu mugore, twamuturumbukiyeko ariko arasambana. Kandi Mose, mu vyagezwe, yatugeze kwicisha amabuye benabo. None weho uvuga iki?" Ariko ivyo babivuga arikumugeza ngo bamukureko ivyitwazo vyo kumurega. Ariko Yesu arunama, yandikisha urutoke hasi. Maze bakobeje kumubaza, arunamuka, arababwira ati "Utagira icaha muri mwebwe, nabe ariwe abanza kumutera ibuye." Asubira kwunama, yandika hasi. Nabo bavyumvise, basohoka isorosoro, uhereye kuwukuze ugashitsa ku muto. Yesu asigara wenyene bo namugore yarahagaze hagati. Yesu yunamutse aramubaza ati "Yewe mugore, bamwe bakureze bari hehe? Nta numwe aguciriye urubanza?" Nawe ati "Nta numwe, mugenzi." Yesu aramubwira ati "Nanje singucira urubanza. Niwigire, guhera ubu, ntuzusubire gukora icaha."

5. Mbega wibaza ko Yesu yanditse iki mu mukungugu?

Umwe mu bashakashatsi bo mw'Isezerano Rishasha, S. Scott Bartchy, yatanze iciyumviro c'uko Yesu yanditse ngo: ***" Umugabo yarikumwe n'uyu we ari hehe?"***

6. Yesu yabwiye abagabo bamuzanye ati, "Uwutarakora icaha na kimwe n'abe ariwe namutere ibuye ubwa mbere." Mbega iyi nyishu Yesu yababwiye yakoze kuri ako karenganyo kabo bantu gute? (Ako karenganyo kuko ubusambanyi bufata abagore gusa ariko budafata abagabo, ahubwo bemerewe (Akarenganyo).

## Ukwipfuza kwo mu mutima

Matayo 5:27-28

> Mwarumvise ko vyavuzwe ngo, Ntugasambane. Ariko jeho ndababwira yuk'umuntu wese araba umugore akamwipfuza, aba amaze gusambana nawe mu mutima wiwe.

7. Mbega Yesu yasavye yinginga ko abo bagabo batokwongera gukora iki? Mbega, hagati y'umugore n'umugabo, Yesu atako ibirake nde ku kubijanye n'ukwipfuza kuri mu bagabo?

8. Mbega mwiyumvira ko ubuzima bw'abagore/abakenyezi bwogira irihe tandukaniro mu gihe abagabo bose bokwumvira Yesu Kristo, maze bakavavanura n'ukwipfuza abagore?

Ibi vyose vyagiye biraba vyari gutuma Yesu agira ubwoba bwo kugira ico afasha abagore, no kubabuza gushikira umwidegemvyo wabo n'ikibanza cabo mu Bwami bw'Imana. Ahubwo yigije kure, yirengagiza ubwo bwoba, araramiriza mu gikorwa ciwe; mbere ashika kure, aho yamenyesheje abagabo yuko kwiyumvira no gufata abagore.abakenyezi nk'aho ar'I imibiri yo kwinezereza, ari icaha gikomeye.

## Incamake

Mw'isi yanduye, igiciro c'abakenyezi kiri mu mibiri yabo n'ubushobozi bwabo bwo kuvyara abana, gukora n'ukurangura amabanga mpuzabitsina. Ariko Yesu yigishije yuko agaciro k'umukenyezi gahambaye kuruta ivyo bindi vyose duhejeje kudondagura. Yavuze yuko agaciro nyakuri k'umuenyezi gahagaze ku migenderanire afitaniye n'Imana. Nk'uko Yesu abigira ku bagabo, atumenyesha ko umukenyezi musha ari muri Yesu, afise umwidegemvyo wo kubanza kurondera Ubwami bw'Imana imbere y'ibindi vyose.

## Shira mu ngiro

9. Mbega wotunganya ivy'akazi, amashure, ishengero n'ingo gute, kugira abagabo n'abagore bakorane neza badafatiye ku bitsina?

## ICIGWA CA 9 Pawulo n'ububasha mu muryango

Mw'ikete yandikiye Abanyefeso, Intumwa Pawulo yagutse ku nyigisho za Yesu zerekeye uko umuntu yacunguwe yobaho muri iy'isi y'ikinyavyaha. Naho Pawulo bamwagiriza ko ashira imbere igitsina gabo; ukwo ni ugutahura nabi inyigisho ziwe. Uravye neza Abanyefeso ibice vya 5 na 6, tubona ko mu gishingo co gushira imbere igitsina gabo, ahubwo yakwirikiye Yesu mu kuvyiyamiriza cane.

Imico n'imigenzo y'abayuda yashize umutwaro ku bagabo mu kemeza ko "abagabo b'ukuri" bategerezwa kugira ububasha n'ubushobozi ku bandi bantu. Naho umugabo yoba umworo akaba adashobora gutegeka abandi bagabo, umuco canke umugenzo uvuga ko ategerezwa kugira ububasha n'ubushobozi mu rugo ryiwe.

Mugabo Yesu yigishije ko Abakristo batokora uko. Muri iki cigwa tuzobona uko Intumwa Pawulo yakoresheje inyigisho za Yesu zigwanya ububasha bw'isi mu mubano wo mu muryango. Duhere ku bubasha bufatiye ku kugazwa: ubuja.

### Pawulo n'ubuja

> Pawulo yandikiye ikete abantu baba mu bisagara vyo mu bwami bwa Roma. Mu gihe ciwe, Abaroma batwara Uburaya bwose, Mediteraniya, n'igice co mu buseruko bwo hagati y'isi. Ubwo bwami bwose bwaganzwa n'umuntu umwe w'inkomezi, yatwara abantu bose bo muri ako karere -abagore babo, abana babo, n'abagurano babo. Mu bwami bw'Abaroma, mu nsobanuro kama y'ijambo "umuryango" harimwo abagurano b'uwo mugabo, benshi baba mu kibanza kimwe hamwe n'uyo mugabo mukuru, umugore wiwe, n'abana biwe. Kurenga kimwe ca gatatu c'igice c'abantu baba mu Bugiriki, mu Butaliyano no mu bisagara nk'ivy'i Koronto, bari abagurano, n'abandi bagize kimwe ca gatatu baba abigeze kuba abagurano. Kugira dutahure neza ivyo Pawulo avuga ku vyerekeye kugamburuka/kwubaha mu muryango, dutegerezwa kuraba, ubwa mbere na mbere, uko avuga ku bagurano uko bakwiye gufatwa mu muryango. Hanyuma tuzosoma ico Pawulo abwira abana, inyigisho yiwe ku bagore – mu gusozera, tuzoraba inyigisho ziwe ziryoshe ku zerekeye ba "shebuja", ba se/ba data, n'abagabo/baserugo.

### Amabwirizwa ku bagurano

Abanyefeso 6:5-8

> Bagurano, mwumvire ba shobuja bo ku mubiri nk'uko mwumvira Kristo; mububashe, muhinda agashitsi, mutagira ubufunya mu mitima yanyu. Ntimubakorere bakibahagarikiye nk'abanezereza abantu ariko mubakorere nk'abagurano ba Kristo, mukora ivy'Imana igomba bivuye mu mutima. Mubakorere mushize icira nkabakorera shobuja mukuru. Ntimube nkabakorera abantu. Kuko muzi yuko umuntu wese, iyo akoze iciza, azocishurwa na shebuja mukuru. Niyo yoba umugurano canke uwidegemvya.

3. Mu Banyefeso 6:5-8, Pawulo abwira abagurano ngo bifate gute? Andika amavuga ari mu Banyefeso 6:5-8, avuga ko abagurano bakwiye gukora mu gicapu kiri musi (ayandi masandugu azokwuzuzwa hanyuma).

Ni nde umugurano akwiye kwubaha? Ni nde akorera ibikorwa vyiza "atinya ahinda agashitsi” n’ “umutima umwe”?

| Abagurano | Abana | Abagore |
|---|---|---|
| Abakuru/Bashebuja/Badatabuja | Ba se/Ba data | Abagabo |

## Amabwirizwa ku bana

Abanyefeso 6:1-3

> Bana mwumvire abavyeyi mu Mwami wacu, kuko arivyo bigororotse. “Wubahe so na nyoko” Ico nico cagezwe ca mbere kirimwo isezerano: “kugira ngo uronke amahoro, urambire kw’isi.”

4. N’iki Pawulo asaba abana? Andika mu gicapu, amavuga yerekana ivyo abana bategrezwa gukora. Ni kubera iki abana basabwa gukora ivyo?

## Amabwirizwa ku bakenyezi

Abanyefeso 5:21-24, 33

> Mugamburukanire kuko mwubashe Kristo. Bagore mugamburukire abagabo banyu, nk’uko mugamburukira Umwami wacu. Kuko umugabo ariwe mutwe w’umugore wiwe nk’uko Kristo ariwe mutwe w’Ishengero, akaba mukiza waryo, ariwo mubiri wiwe. Ariko nk’ukw’Ishengero rigamburukira Kristo abe ariko abagore bagamburukira abagabo babo muri vyose. ….. ariko namwe nyene umuntu wese akunde umugore wiwe nk’uko yikunda; umugore nawe niyubahe umugabo wiwe.

5. Ni ibiki Pawulo asaba abagore/abapfasoni? Mu gicapu, andika amavuga yerekana ivyo abagore bategerezwa gukora.

6. Ni irihe tandukaniro riri hagati y’ivy’abagore basabwa gukora n’ivy’abagurano n’abana basabwa gukora?

Naho mu nsobanuro nyinshi za Bibiliya usanga hagati y'umurongo wa 21 na 22 hari uwundi mutwe w'igice, iyo mirongo ibiri yose igize iryungane rimwe. Mu nyandiko ya mbere, nta rivuga ryari mu murongo wa 22, ariko ni agace c'umurongo wa 21. Pawulo ntasaba kwubaha kw'abagore vyonyene. Ahubwo, abakristo bose – yaba umugabo canke umugore – basabwa bose kwubahana.

Raba neza, abagore basabwe "kwubaha" atari "kwumvira". Mu congereza no mu rurimi rwawe kavukire, birashoboka ko hari itandukaniro rito hagati y'ukwubaha n'ukwumvira. Naho bimeze uko, tuzobona mu cigwa ca 11, ko mu kugiriki, ururimi Pawulo yanditsemwo aya majambo, ijambo ryahinduwe "kwubaha", ritavuga "kwumvira" canke kwemerana n'uwundi muntu. Ahubwo, Pawulo yariko asaba abakristo kwigana Kristo mu kugira intumbero irashe mu guhitamwo kuvangura n'ingendo y'ab'isi, yerekeye kuniganira ubushobozi ku bandi.

7. Ni kuki abagore bategerezwa gukora ivyo?

Abagurano, abana n'abagore bagira agateka gake canke ntibagira namba. Ukwumvira bashebuja, ba se canke abagabo babo ryari itegeko ryemewe n'intwaro y'Abaroma. Nkako umugabo w'umuroma yashobora kwica umugurano igihe atamwumviye canke umwana. Abagurano benshi, abagore n'abana bakuze bakora ikintu cose bashoboye kugirango bikingire canke bagire ico babakuyeko, kenshi na kenshi, bakoresheje kubaryosharyosha canke kubahenda (kubanezereza bakosheje amaso). Naho ryari uko, Pawulo abwira abakristo ko batagikwiye gukoreshwa n'ubwoba, gutegekwa badashaka canke barondera inyungu zabo na gato. Ahubwo bakwiye gukora ivyo basabwa nk'uko bariko bakorera Imana, berekana kwubaha Kristo.

## Amabwirizwa kuri ba shebuja

Abanyefeso 6:9

> Namwe ba shebuja, mubagirire murtyo nyene, mwirinde kubakangisha kuko muzi yuko Shobuja musangiye ari mw'ijuru, kandi ntarobanura abantu ku butoni.

8. Pawulo abwira ba shebuja ko nabo bokorera abagurano babo nk'ivyo abagurano nabo bakorera bashebuja. Mbega ivyo bintu basabwa gukorera ba shebuja vyari ibiki? Ni ibihe bindi bintu yabwiye ba shebuja basabwa gukorera abagurano babo? Vyandike muri ca gicapu, munsi y'izina ba shebuja.

9. Mbega iyi mvugo ivuga ngo "ku Mwami Yesu, ntakwubaha abantu kukiriho" isobanura iki?

## Amabwirizwa kuri ba se

Abanyefeso 6:4

> Namwe ba se, ntimukaratse abana banyu, ariko mubarere, mubahana, mubahanura nk'uko Umwami wacu agomba.

10. Muri Banyefeso 6:1-3, Pawulo yabwiye abana gusonera n'ukwumvira abavyeyi babo (se na nyina). Yabandanije abwira ba se w'abana bonyene ku murongo wa 4. Muri iyi si y'umwijima, igikorwa c'umuhungu cari guha icubahiro n'iteka ba sekuruza. Mu baroma, ukwumvira n'ugukorera se vyari ibintu bibwirizwa n'amategeko y'abaroma; kandi umwana w'ikigaba bashobora no kumwica. Igihushane nivyo, mbega uyu murongo utubwira iki ku bijanye n'intumbero y'umukristo w'umuvyeyi igihe asaba umwana wiwe kumwumvira n'ukutera iteka? Vyandike muri ca gicapu, munsi y'izina rya « se ».

## Amabwirizwa ku bagabo

Abanyefeso 5:25-33

> 25  Bagabo, mukunde abagore banyu (agape, mu Kigiriki bivuga kwitwararirika abagore banyu) nk'uko Kristo nawe yakunze Ishengero akaryigura, 26 ngo aryeze aryogesheje amazi n'ijambo, 27 ngo aryishire ari Ishengero rifise ubwiza, ridafise amarabaga canke injebejebe canke ikintu cose gisa girtyo, ariko ngo ribe iryera ridafise agasembwa. 28 Niko abagabo nabo bakwiye gukunda abagore babo nk'imibiri yabo bwite. Uwukunda umugore wiwe aba yikunda. 29 Kuko ata muntu yigeze kwanka umubiri wiwe, ariko arawugaburira, akawubungabunga nk'uko Kristo nawe agirira Ishengero, 30 kuko muri ingingo z'umubiri wiwe. 31 Nico gituma umuntu azosiga se na nyina akabana n'umugore wiwe akaramata bompi bakaba umubiri umwe. 32 Iryo banga rirahambaye, ariko mbivuze kuri Kristo n'Ishengero. 33 Ariko namwe nyene, umuntu wese akunde umugore wiwe nk'uko yikunda …

Abagabo b'Abaroma bari bafise uburenganzira, mbere cari nk'igikorwa, c'ugutoteza n'ugucinyiza abagurano, abana hamwe n'abakenyezi babo. Abana ntaburenganzira bari bafise bwo kwihitiramwo uwo bubakana, ariko vyose vyakorwa n'abavyeyi babo kandi bakabikora bironderera ahanini inyungu zabo cane cane kuruta iz'abana babo. No mu gihe vyashika umuhungu n'umukobwa ntibashimane, bategerezwa kubahiriza ingingo yafashwe n'abavyeyi babo. Umwana w'umukobwa afise imyaka cumi n'ibiri (12) wasanga arongoranye n'umugabo arenza imyaka mirongo ibiri (20) canke mirongo itatu (30). Abantu bo mu gihe ca Pawulo rero birumvikana ko batatahura neza ivyiyumviro bigezweho (vya kino gihe turimwo) bijanye n'umubano w'ububakanye bafitaniye urukundo rutegerezwa kubanza kwigaragaza hagati y'abo bantu babiri kandi bakavyiyemerera. Ikigeretse kuri ivyo, umabakenyezi b'abaroma basabwa kuvyara abahungu bazoba ba samurarwa kandi akaba aribo bazosigara baraba ivy'urugo rwabo.

Abagabo rero banyuzwe n'iyo migenzo ihagaze ku cubahiro/isoni bashira inguvu zabo cane mu kurwanira icicaro c'imiryango yabo, kandi aho, bakaba bariko baragirira nabi abandi. Umukenyezi yaba aje kurongorwa avuye mu wundi muryango, ntiyigera yizerwa rwose n'abo mu muryango aroyemwo, bama bamubona nk'umusumyi w'urusaku. Birumvyikana ko abakenyezi bashira ba se imbere y'abagabo babo. Umukenyezi yatangura kwizigirwa igihe amaze kuvyara umuhungu. Bica vyumvikana yuko umubano w'ububakanye muri ico gihe utari ushinzwe ku rukundo: igihe bishitse umuroma canke umuromakazi akagira ikibazo/ingorane, ntaho yihutira guhanuza uwo bubakanye, ariko yahanuza uwo bavukana canke mwene nyina.

**11.** Mbega Pawulo asaba ko abagabo bafata abagore babo gute? Andika amavuga yerekana ivyo ku bagabo muri ca gicapu.

12. Raba amavuga wanditse ku bagurano n'abashebuja, abagore n'abagabo, abana n'abavyeyi.

Ibintu Paulo yariko abwira abakristo b'abagabo gukora: Kurera abana babo n'abakenyezi! Kwitangira abandi Bantu! Kwirinda gukoresha igikenye ku bagurano babo n'abana!-Ivyo rero vyari bitandukanye cane n'imigenzo abagabo b'ico gihe bategerezwa kwerekana.

Impanuro Paulo yahaye abagurano, abana n'abagore ntizihakana yuko ububasha bwo mw'isi buhabwa  abagabo bakuru buzwi kandi bucashobora kwiyobagizwa. Abo bantu bose bagengwa n'itegeko ry'abaroma. Ariko Paulo, mu gishingo co kubwira Abakristo b'abagabo ko bafise igikorwa co kuganza mu miryango yabo, canke ko bafise uburenganzira bwo kubakoresha kubw'inyungu zabo, Paulo yababwiye uburyo bakwiye gukoresha neza ububasha bahawe n'imigenzo yabo. Yababwiye ko, asangwa batewe iteka ry'ukuba abantu bakuru canke bashebuja b'abandi, nibabikore mu buryo Yesu nawe yabikoze:

> (Kuva Yesu aje kw'isi]….mu bakristo, uburyo bwonyene kuba shebuja w'abantu canke w'umuntu bishobora gusobanurwa neza …. ni uburyo Yesu yabitweretsemwo akarorero. Yesu Kristo niwe yagaragaje ubukuru nyakuri, atagisigaye inyuma; kandi ntiyemerera n'umwe ngo basangire ubwo bukuru; maze aramanuka aca bugufi ahinduka umukozi w'abandi. Yesu rero aduhamagarira twese kumwigana atagutandukanya umugabo n'umugore (Bartchy, 1997).

Twovuga yuko ukugaragaza ukwitanga gushitse kw'Umukristo ni ukwemera, atagoberewe, guhomba inyungu ab'isi bahahamiye. Igihe abantu bakugize umwami/umukuru, umukristo, nk'uko Pawulo abivuga, asabwa ahubwo guca bugufi no kuba uwo gukorera abandi.

| | | |
|---|---|---|
| Abagurano<br><br>Kwumvira<br><br>Bakorere batagoberewe (badatinya ikigohe ca bashebuja)<br><br>Bakorer'Imana uko bashoboye no mu gihe bakiri abagurano. | Abana<br><br>Kwumvira abavyeyi<br><br>Bubahe abavyeyi | **Abagore/Abakenyezi**<br><br>Kwubaha<br><br>Bubahe abagabo babo |
| **Bashebuja**<br><br>Basabwa gukora nk'abagurano babo<br><br>Ntibabatere ubwoba (atagukoresha igikenye/umukazo)<br><br>Twibuke y'uko Imana itemera ubukuru bufatiye ku cubahiro cahano mw'isi) | **Abavyeyi**<br><br>Ntibababashavuze<br><br>Barere abana babo kandi babigishe nk'uko Umwami Yesu Kristo agomba | **Abagabo**<br><br>Bakunde abagore babo nk'uko Imana ivuga (urukundo rwitwa agape)<br><br>Babakunde nk'uko bikunda<br><br>Bigure abagore babo<br><br>Babasharize<br><br>Babagaburire kandi bababungabunge<br><br>Basige ba se na banyina, babane n'abagore babo akaramata |

## Shira mu ngiro

13. Mwiyumvira ko ari ukubera iki Pawulo yagoberera abagore bubaha Kristo kwubaha abagabo babo (umurongo wa 33)?

14. Igihe Pawulo yavuga uburyo abavyeyi bakwiye gufata abana babo; iyo nyigisho/mpanuro isigura iki? Mbega abantu bakwiye gufata abakozi babo bo mu nzu gute? Mbega abubakanye bakwiye gufatana/kubana gute?

## ICIGWA CA 10 Ico intumwa Pawulo avuga kuba "umutwe"

Inyigisho z'intumwa Pawulo zerekeye umubano zitumbereye kugarukana umugabo n'umugore mu mubano nyakuri Imana yabaremeye. Birakwiye ko turengana imigenzo n'imico bituzibira gushikira intumbero y'Imana; iyo migenzo n'imico twazaniwe n'icaha; ahubwo, dushike ku gutahura neza uburyo inyigisho za Pawulo zitubohora. Ugutahura neza ikoreshwa ry'ijambo "umutwe" Pawulo yakoresheje mu kwerekana imigenderanire y'umugabo n'umugore wiwe ni yo ntambuko ya mbere ihambaye.

### "Kuko umugabo ari umutwe w'umugore…"

Abanyefeso 5:20-23

> "…muyishimire vyose imisi yose, mw'Izina ry'Umwami wacu Yesu Kristo. Mugamburukanire, kuko mwubashe Kristo. Bagore mugamburukire abagabo banyu, nk'uko mugamburukira Umwami wacu. Kuko umugabo ariwe mutwe w'umugore wiwe, nk'uko Kristo nawe ari umutwe w'ishengero, akaba Umukiza waryo, ariwo mubiri wiwe."

1. Muri kino gihimba kiboneka aho haruguru, n'iyihe nsobanuro abantu bakunda guha iryo jambo "umutwe"?

2. Mbega iyo mirongo abakera bayitahura gute bafatiye ku migenderanire iri hagati y'umugabo n'umugore?

Mu ndimi zimwe-zimwe, ijambo "umutwe" risobanura "umurongozi", "databuja", canke "ububasha bukomeye, bwo hejuru y'abandi". Ariko ijambo "umutwe" Pawulo yakoresheje, ntabwo rifise insiguro n'imwe muri izi zatanzwe.

Ijambo ryakoreshejwe hano, kephale (kef-ah-LAY) rishaka kwerekana ikintu kiboneka kiri hejuru y'ikindi kintu. Muri rusangi, iryo jambo risigura igice/igihimba c'umubiri, umutwe w'umuntu. Ni gake risobanura "isoko", nk'umutwe w'uruzi. Ryari kandi ijambo ryakoreshwa mu gisirikare bagomba kuvuga umusirikare yaba ari imbere y'sbsndi mu rugamba/ntambara - atari ukuvuga umusirikare mukuru (umukuru w'ingabo) ariko uwari ahantu hagoye cane biboneka ko ubuzima bwiwe buri mu kaga. Igihe rero Pawulo yandika, agakoresha ijambo umutwe "kephale" ntabwo yashaka kuvuga na gato kugira ububasha ku bandi, kuba umurongozi, kuba shebuja/databuja, umutware canke umutegetsi.

Mu vy'ukuri, igihe abanditsi b'Isezerano Rishasha bashaka kuvuga umurongozi canke umutegetsi, bakoresha irindi jambo, arche (canke archon). Igihe umwanditsi agomvye kuvuga "ububasha" muri rusangi, yashobora gukoresha ijambo "exousia". Ayandi majambo Pawulo yari gushobora gukoresha (ariko atakoresheje) harimwo kyrios (umwami) canke despotis (naryo nyene risobanura "umwami"canke nk' "umutwe mu rugo")

Muri ano majambo yose, nta na rimwe Pawulo yakoresheje mu kwerekana ubucuti buri hagati y'umugabo n'umugore tubona mu Banyefeso igice ca 5 canke mu 1 Korinto igice ca 11. Uko dushishikara kwinjira muri iki cigwa, tuzobona yuko iyo umugabo abaye umutwe w'umugore ari ikintu ciza cane - ariko ntabwo Pawulo yigeze avuga yuko umugabo yogendera iri jambo mu kuganza umugore wiwe.

## "…nk'uko Kristo ari umutwe w'Ishengero…"

Mw'Isezerano Rishasha, umugabo avugwa nk'umutwe w'umugore ibihetangabo kabiri gusa, ariko Kristo yitwa umutwe w'Ishengero ibihetangabo vyinshi. Ugutahura ico ari co "**Kristo kuba umutwe w'Ishengero**", bikuza uburyo dutahura inyigisho za Pawulo, mu mvugo yagereranije n'umutwe w'umubiri w'umuntu, avuga ku bijanye n'umugabo kuba umutwe w'umugore, mu mvugo ngereranyo yakoresheje ku bijanye n'umubano w'ababiranye.

Mu Banyefeso 1:9-10, turasangamwo ijambo ryakoreshejwe rituma dutahura neza ico Paulo yagomba kuvuga:

Abanyefeso 1:9-10

> Itwatiye (Imana) ibanga ry'ivy'igomba, nk'uko vyayihimbaye, ibigabiye kera muri we, vy'ingen'izogenza vyose, igihe gikwiye gishitse, gukoraniriza vyose muri Kristo, ibiri mw'Ijuru n'ibiri mw'isi.

Iri jambo risobanurwa "gukoraniriza hamwe", *anakephalaio* (mu Kigiriki), risobanurwa "kuja/kuba imbere". Iryo jambo risobanurwa "kwegeranya", canke "gushira hamwe", canke "gufata ibintu vyinshi ukavyegeraniriza hamwe mu kintu kimwe." (Raba agace "kephale" muri "anakephalaio"?)

Tugume twibuka yuko "umutwe" bisobanurwa umuntu yegeraniriza ibintu hamwe mu kintu kimwe, muheze murabe iyi mirongo ikurikira, aho Kristo agereranywa n'umutwe:

Ab'i Kolosayi 1:17-18: "We yabayeho vyose bitarabaho, kandi muri we vyose niho bifataniye. Niwe mutwe w'umubiri, niwo shengero: kandi ni we tanguriro, niwe mfura mu kuva mu bapfuye, kugirango abe agaheta muri vyose."

Ab'i Kolosayi 2:19 (Paulo yariko avuga ku muntu ataco amaze-someone of idle notions"): Kandi atifatanya na wa Mutwe, kuri wo umubiri wawo wose, ufashijwe n'ingingo n'imitsi, ugateranywa neza na vyo, niho uronka gukura kwawo gutangwa n'Imana.

Abanyefeso 4:15-16 (Paulo atubwira yuko iyo turi muri Kristo ntituba tukiri abana bakuberwa aha canke hariya-in Christ we are no longer infants, blown here and there): *"Ariko tube imvugakuri turi mu rukundo, dukurire muri we muri vyose, ari we mutwe, niwo Kristo ."Umubiri wiwe wose, uteranijwe neza, ufatanijwe n'ibifashisho vy'ingingo zawo zose, nk'ukw'igihimba cose gikora ibango cagerewe, kuri wo niho uronka gukura kwawo, ukubakwa mu rukundo."*

Ab'i Kolosayi 2:9-10: "Kuko muri we ariho haba ukunengesera kwose kw'Ubumana mu buryo bw'umubiri. Kandi munengeserezwa no kumubamwo, niwe mutwe (kephale) w'ubukuru bwose (arche) n'ububasha bwose.."

Abanyefeso 1:22 "Kandi yamushikirije vyose, ibishira musi y'ibirenge vyiwe, kandi imuha ishengero ngw'abe umutwe waryo wo gusumba vyose, niryo mubiri wiwe, unengesereye, unengesera vyose hose."

3. Mbega ijambo “***umutwe***” risobanura iki muri iyo mirongo?

Abanyefeso 1:22 ahanini hadufasha iyo tugomba gutahura itandukaniro riri hagati y’ijambo “umutwe” tugomba kuvuga umutegetsi, n’ijambo “umutwe”, tugomba kwerekana/kuvuga umuntu yegeranya canke atuma dukura mu buryo bwose. Muri uyu murongo, Kristo ni umwe n’Ishengero, aririyo mubiri wiwe kandi n’ukunengesera kwiwe. Ibintu vyose vyagomorewe Kristo, kuba munsi y’ibirenge vyiwe, ariko ntibiri ku mutwe/canke hejuru yiwe. Nico gituma rero “umutwe” udakwiye kuganzwa, kuganza canke gutegeka umubiri, ariko vyose biganziriza hamwe n’umutwe, mu bumwe.

Abanyefeso 1:22: “Kandi yamushikirije vyose, ibishira musi y’ibirenge vyiwe, kandi imuha ishengero ngo abe umutwe waryo wo gusumba vyose, ni ryo mubiri wiwe, unengesereye, unengesera vyose hose.”

Umuhanga w’umugiriki, Richard Cervin yanditse ati: “None, mu vyete vyiwe, Pawulo ashaka kuvuga iki igihe akoresha ijambo “umutwe”? Ntabwo yashatse kuvuga “kugir’ububasha ku kintu/bantu nk’uko abakera bavyemeza; kandi ntibisobanurwa “isoko” nk’uko abandi bantu bitwa “abanganisha abantu bafatiye ku bitsina” bavyemeza. Ariko niyumvira yuko Pawulo yakoresheje ijambo “***umutwe-umubiri***” nk’ikigereranyo.

Umutwe + Umutumba = Umubiri umwe

Abanyefeso 5:20-31

Murabe neza ingene Pawulo akoresha, muri iki gisomwa, amajambo umutwe/umubiri nk’ingereranyo:

> “Imana Data wa twese muyishimire vyose imisi yose, mw’Izina ry’Umwami wacu Yesu Kristo. Mugamburukanire kuko mwubashe Kristo. Bagore, mugamburukire abagabo banyu, nk’uko mugamburukira Umwami wacu. Kuk’umugabo ari we mutwe, w’umugore wiwe, nk’uko Kristo nawe ar’umutwe w’ishengero, akaba umukiza waryo, ariwo mubiri wiwe. Ariko nk’ukw’ishengero rigamburukira Kristo, abe arikw’abagore bagamburukira abagabo babo muri vyose. Bagabo, mukunde abagore banyu, nk’uko Kristo na we yakunze ishengero, akaryigura, ngw’aryeze, aryogesheje amazi n’ijambo, ngw’aryishire, ari ishengero rifis’ubwiza, ridafis’amarabaga cank’injebejebe cank’ikintu cose gisa gityo, ariko ngo ribe iryera ridafise agasembwa. Niko abagabo nabo bakwiye gukunda abagore babo nk’imibiri yabo bwite. Ukunda umugore wiwe, aba yikunda: kukw’ata muntu yigeze kwanka umubiri wiwe, arikw’arawugaburira, akawubungabunga, nk’uko Kristo nawe agirira ishengero: kuko turi ingingo z’umubiri wiwe. Nico gituma umuntu azosiga se na nyina, akabana n’umugore wiwe akaramata, bompi bakaba umubiri umwe.”

4. Mbega gusobanura *kephale* (umutwe) nk’ “umuremyi w’ubumwe/uwutera ubumwe” (atera abantu babiri baba nk’umuntu umwe) mu gishingo co kurisobanura nk’ “uwuganza hejuru y’abandi”, bidufasha gute gutahura amabwirizwa Pawulo avuga ku bagabo, muri iki gisomwa c’Abanyefeso 5:25-31?

5. Muri ino mirongo, mbega n'ibihe umugabo asabwa gukora nk'umutwe bisa n'ivyo Yesu Kristo yakoze nk'umutwe w'ishengero? (mu mirongo iri aho hejuru)

6. Mbega igihe umugabo yorondera ubumwe no gukuza umuryango vyovyara iki?

Kuba "umutwe" si "iteka" ariko bisaba ni ukwitanga nk'ikimazi, bisaba umugabo kubabara umugore wiwe nk'uko yibabara ubwiwe. Pawulo yasavye abagabo ngo bigane Yesu Kristo, we mw'ibango ryiwe nk'umutwe w'ishengero yitangiye/yiguze Ishengero. Nk'uko Yesu yabikoze, "umucunguzi" (umurongo wa 23) yari umuntu aronderera ineza/inyungu uwundi muntu, kenshi na kenshi akanamwitangira.

Iyindi ngorane dukunda kugira ku vyo gutahura ico Pawulo yashaka kuvuga igihe yasaba abagore "kwubaha" abagabo babo. Reka twiyumvire igihe umugabo yohitamwo gutakaza uburenganzira bwiwe afise mw'isi bwo kuganza umugore wiwe, ariko akarondera kugirana ubumwe nawe aho kumutegeka canke kumuganza. Mbega har'aho birashika ko umugore agira ubwoba bw'umugabo wiwe akora nk'umukristo koko? Ngo aheze amwiyemezeko canke ngo amutwenge?

## Ariko none, "Nikubera iki umugabo atari ikirenge…"

Nimba Pawulo ashaka kuvuga ko umugabo n'umugore bangana kandi baba umwe, ikibazo gica kivuka ni ukumenya igituma umugabo yiswe umutwe, aho kwitwa umutumba, ikirenge canke umutima. Cervin ashikiriza iciyumviro cuko Pawulo yakoresheje ijambo "umutwe" mu kwerekana ko umugabo ariwe akwiye kubanza kufata iya mbere/kuja imbere. Kubwiwe, umugabo niwe wa mbere mu bakozi b'abandi canke abasuku ba bandi.

Bino vyiyumviro vya Cervin twoshobora no kubishikana kure. Kera abakenyezi nibo basabwa gukorera abandi. Kwitanga kw'umukenyezi ntivyama ari ibintu akora ngo yerekane bukristo bwiwe igihe cose, ariko vyari mu bigize ivyo ategerezwa nk'amabango yiwe mu buzima bwiwe. Kwumvira kw'umugore ryari rimwe mu mategeko yariho ico gihe. Ni uko rero, kugirango umugabo n'umugore bagire ubumwe, umugabo niwe (kuko ariwe mutwe) ategerezwa kubanza kwiyambura iteka ryiwe - kuko umugore nta bubasha afise bwo kwikurako. Mu gukora ivyo, umugabo yaba yitanze nk'ikimazi, ku bintu vyose yari yitezweko nk'umugabo. Kano karorero Pawulo yatanze, karasa n'akarorero Yesu Kristo yerekanye igihe "yigura ishengero." Igihe rero umugabo yigenjeje nk'uko Pawulo abihanura, nta gukekeranya iyo nyifato iba iturutse k'urukundo rukristo.

"Kuko umugabo ashishikaye gukunda umugore wiwe nk'uko yikunda, akamwitangira, inkwirikizi ni uko umukenyezi akijijwe nawe aheza akifatanya n'umugabo wiwe akaramata nk'uko umugabo wiwe yabimukoreye, umwe wese yitangira uwundi, mu mubano urangwa n'ugukoreranira mu kwicisha bugufi, ivyo navyo bigaheza bigaca vyerekana bwa bumwe. Kugoberera umuntu kwubaha n'ukuganzwa biraheza bigatoba ubucuti n'umubano mwiza, ahubwo ugahinduka uw'igipagani; ka karorero ko mu buryo bw'ikigereranyo, gatakaza insobanuro …iyo habaye gukorera abandi nabo bibatera bubaha/bumvira. Iyo niyo nsiguro ihagije/nyamukuru y'ukugamburukanira. (Gilbert Bilezikian, 1985, p.159, 161)

## Shira mu ngiro

7. Mbega wumva ivyo Pawulo avuga kuvyo kuba “umutwe” mu mubano w’abakristo bikwungura canke bigukebura mu biki ku mubano wawe w’urugo?

8. Bagabo, nigute mushobora kumera nka Yesu mu gukomeza ubumwe bwa mwen’umukenyezi/umugore wawe?

9. Bakenyezi/bagore, ni gute mworushiriza kwubaha n’ugushigikira abagabo banyu, uko arushiriza kwigana Kristo?

# ICIGWA CA 11 Kugamburuka

Igice kimwe mu nyandiko za Pawulo gihambaye mu gutahura inyifato rukristo ku vyerekeye ububasha gihagaze mu gutahura ico yagomba kuvuga igihe yasaba abakenyezi/abagore kugamburukira abagabo/abashingantahe babo.

## Kugamburuka

Abanyefeso 5:21-22 n'ab'i Kolosayi 3:18

> Mugamburukanire kuko mwubashe Kristo. Bagore mugamburukire abagabo banyu nk'uko mwubashe Kristo. Bagore, mugamburukire abagabo banyu nk'uko bibereye abari mu Mwami wacu.

1. Mbega iyi mirongo kenshi tuyitahura gute?

Ingorane zimwe tugira mu gutahura ivyo Pawulo yashaka kuvuga iri mu nsobanuro mbi yahawe y'amajambo mu Congereza "kugamburuka" canke "kuganzwa". Mu Congereza, agamburuka ni uwemeravyose, akengeretse, ataco avuga/adakurako umunwa, umunyantege nke, acereje, atagira ububasha, kurya k'umwana canke nk'umuntu atakigira ivyizigiro. Mu zindi ndimi nyinshi, "kugamburuka" risobanura kuba uwo hasi cane kandi usabwa kwihuta kwubaha utarinze kubaza ikibazo.

2. Mbega ijambo "kugamburuka" rifise iyihe nsobanuro mu rurimi rw'i wanyu?

Uburyo dukoresha iri jambo "kugamburuka" canke "kwumvira" mu Congereza, siko Pawulo yarikoresheje. Isezerano Rishasha rihanura umuntu wese "kugamburuka **batagoberewe**": Abakristo bagamburukire abarongozi babo (Abaheburayo 13:17), kandi bagamburukire abaganza bo mw'isi (1 Petero 2:13; Tito 3:1; Abaroma 13:1), abana bubahe abakuze (1 Petero 5:5), abagurano bubahe ba shebuja (1 Petero 2:18); kandi bubahe Imana (Yakobo 4:7); Ishengero naryo ryubahe Kristo (Abanyefeso 5:24).

Ntanahamwe muri ivyo vyose duhejeje kubona, "kugamburuka" bisobanura "kwumvira", kuneshwa/kwishikana, guhindura iciyumviro cawe ukemera ic'uwundi, canke ukemera gukora ivyo utegetswe ubitewe nuko uri nyarucari (Walters, 1997; Kittle, 1964).

## Mugamburukanire

"Bagore mugamburukire abagabo banyu" Uyu murongo w'Abanyefeso 5:22 akenshi dukunda kuwukoresha nk'aho umengo urigenga, Ariko muvy'ukuri, si n'iryungane rikwiye canke iciyumviro gikwiye. Naho ari uko, abasobanura Bibiliya benshi ba kino gihe, bashira itandukaniro hagati y'umurongo wa 21 n'uwa 22; ariko ni imirongo igize iryungane rimwe. Umurongo wa 22 nt'ugira n'irivuga na rimwe, ariko kugirango ugire insobanuro witiza irivuga riri mu ntango y'iryungane ritangurira umurongo wa 21:

> 20 Imana, Data wa twese muyishimire vyose imisi yose, mw'izina ry'Umwami wacu Yesu Kristo, 21 mugamburukanire, kuko mwubashe Kristo, 22 bagore, mugamburukire abagabo banyu, nk'uko mugamburukira Umwami wacu.

Impanuro Pawulo yatanze zivuga ku kwubaha kw'abagore, ntidushobora kuzitandukanya n'inyigisho yahaye umukristo uwo ariwe wese agize umubiri wa Kristo – yaba abagabo canke abagore, ba se n'abana, ba shebuja n'abagurano – ko bose bategerezwa "kugamburukanira" nk'uko bagamburukira Kristo. Kuki bakwiye kugamburukanira nk'uko bagamburukira Kristo? Kuko ivyo arivyo Yesu nawe yakoze; yiyambuye icubahiro yari afise, maze ahitamwo kudukorera mu rukundo (Raba icigwa ca 5). Iyo rero tugamburukaniye, tuba twiganye Kristo nk'uko nawe yakoze, kandi tuba tumuhaye icubahiro.

3. Mbega none uku gutahura insobanuro y'iri jambo "kugamburukanira" bihinduye gute uburyo wahora usoma iki gihimba?

Ijambo ry'ikigiriki Pawulo yakoresheje ni *hypotasso*. **Tasso** risobanurwa "gushira" canke gushira ahantu. **Hypo** risobanurwa "munsi". Aho kuzazanirwa kwinshi kuri mu gutahura neza ico Pawulo yashaka kuvuga igihe yakoresha iryo jambo **"gushira munsi - hypotasso",** ni uko hari uburyo butatu bwo gutahura rino rivuga/jambo. Ubwo buryo bakoresheje bw'Indimburo bwitwa Imero mugirwa. Imero irivuga rihadikirijwemwo bishobora gutanga iyindi nsobanuro. Abavuga ikigiriki barashobora kuvuga ico bisobanura bafatiye ku ndome zanyuma z'ijambo.

Mu congereza, muri rusangi, dufise uburyo Imero zibiri gusa. Uburyo bumwe ni Imero mugira. Muri iyo mero «**gushira munsi**» ni rukozi ikora; bisobanura gufata ikintu ukagishira munsi y'ububasha bwawe, nk'uko umurwanyi ategerezwa kunesha umwansi wiwe, atamutegeka ico agomba. Ariko mu gihimba c'Abanyefeso 5, *Hypotasso* ntiri muri ubu buryo bwa rukozi ikora igikorwa cerekana n'irivuga. Biragaragara yuko igihe Pawulo yasaba abakristo kugamburukanira, ntiyari abatumye guhotorana kugirango hagire abakoresha abandi uko bagomvye.

Mu congereza, uburyo buryo bw'Imero ni Imero mugirwa. Niko akenshi rero twama twasomye iyo mirongo yo muri Bibiliya. Kuno kugamburuka rero, gusobanurwa ko umuntu yemera kuganzwa adahigimanze. Mu iyi mero, kugamburuka canke kuganzwa, uhinduka umwansi yafashwe mpiri, agaheza akemera agagusiribanga munsi y'ibirenge vy'uwanesheje.

Ariko ijambo Paulo yakoresheje ntabwo riri muri ubwo buryo twavuzeko aho hejuru. Ariko yakoresheje ijambo rifise insobanuro iri hagati nahagati - ariko ubwo buryo ntabwo dufise mu rurimi rw'icongereza. Ubwo buryo bwo hagati nahagati buriho mu Kigiriki iryo jambo ryakoreshejwemwo na Pawulo, buragoye cane rwose gusobanurwa mu rurimi rw'icongereza. "Ariko ico iryo jambo rifise insobanuro iri hagati nahagati risobanura mu rurimi rw'ikigiriki, ni ubushake umuntu wenyene yigirira atagahato. (Bristow 1988). *Hypotasso* muri iyi nsobanuro iri hagati nahagati risobanura "**kwishira twebwe nyene munsi,** canke **"kugamburukira uwundi muntu atagahato ahubwo tuvyigombeye".**

Igihe Pawulo aduhanura kugamburukanira, aba ashatse kuduhanura ko dukwiye kureka kurwanira ubukuru n'ukugenzanya. Iyi niyo ndwano yari kandi iri mw'isi yose, - kandi, ikibabaje ni uko tuyisanga no mu miryango yacu – ariko siko vyari bikwiye kumera mu Bakristo. Nk'ingingo z'umubiri wa Kristo, ntabwo dusumba abandi, kandi ntidukwiye na rimwe guhonyanga abandi. Noneho, Pawulo na Yesu Kristo batwigisha "guha agaciro no gushir'imbere bagenzi bacu" (Ab'i Filipi 2:3). Nk'uko na Petero yavyanditse avuga ati, "Mwese mukenyere ukwicisha bugufi… (1 Petero 5:5). Kandi ivyo vyose tubikore twerekana ukwubaha Kristo (Abanyefeso 5:21). - kuko iyo ariyo nyifato y'ukuri Kristo yerekanye mu

buryo bwose kandi igihe cose. Naho yari Umwami wacu, yaricishije bugufi atwoza ibirenge bicafuye.

Igihe cose Pawulo yandika avuga ko umuntu wese akwiye “kugamburukira” uwundi, aba atwibutsa inyigisho za Yesu Kristo zerekana yuko Abakristo badakwiye kuba mu barwanira kuba abo hejuru y’abandi.

Amadidane yandi aterwa n’amajambo **“…nk’uko mugamburukira Umwami wacu.”** Akenshi igihe dusoma aya majambo, dusanga umengo abakenyezi/abagore basabwa kugamburukira abagabo babo nk’aho womenga abo bagabo babo ni Imana. Ariko ab’i Kolosayi 3:18 harabitomora: “Bagore, mugamburukire abagabo banyu, nk’uko bibereye abari mu Mwami wacu.” - Abagore basabwa kugamburukira abagabo babo nk’uko bibereye abagenda bigana Kristo, ariko bidasobanura ngo abagabo babo ni nk’Imana yabo.

Kuva kera na rindi, abagabo barigishijwe yuko bakwiye gufata mpiri/gukandamiza abakenyezi babo n’abana babo bagumutse. Abanyabwenge bategetse abagabo b’Abagiriki n’Abaroma kuganza abagore babo. N’ukuremerwa n’mico navyo biha uburenganzira abagabo bwo kuganza abagore babo kugira berekane ko ari abagabo babushitse. Ariko mw’Isezerano Rishasha, dusanga Imana yonyene ariyo ifise ububasha bwo kuganza uko igomba ivyo yaremye (Abanyefeso 1:22, Theological Dictionary of the New Testament – Kazinduzi y’Isezerano Rishasha).

4. Mbega uku gutahura ingene umugore agamburukira umugabo wiwe bihuriye hehe n’uburyo Imana yaremye umugore “umufasha bakwiranya n’umugabo wiwe” (Raba icigwa ca 1).

## Shira mu ngiro

5. Mbega mu mibereho yawe, hari ico ubona cohinduka mu gihe umugabo n’umugore bose bogamburukanira; babikoreranira mu kwigana Kristo (Bakareka kugenza uko bishakiye)?

6. Mu b’i 1 Korinto 11:7, Pawulo yanditse avuga yuko umugore ari ubwiza bw’umugabo wiwe. Mu Banyefeso 5:26-27, yabwiye abagabo gushariza abagore babo. None inyifato y’umugabo n’umugore yoba iyihe umwe ku wundi ku buryo umugabo ashariza neza umugore wiwe/akamugirira neza adahagaritse umutima ngo uwo mugore wiwe ahava amunganza?

## ICIGWA CA 12 Ibanga ry'ukubaka

Runo rukurikirane rw'inyigisho rwatanguye rutwereka amajambo Yesu yavuze ku mubano ubereye hagati y'umugabo n'umugore; nk'uko tuwusanga mu gitabo c'itanguriro", igihe Imana yaturema kugirango tube "**umwe**." Icigwa cerekeye iremwa cadushikanye kukubona yuko abantu ba mbere bagenda amenya ariko ntivyabatera isoni. Ni ukuvuga ko babana ataco bahishanya, badatinyana, bemerana kandi umwe wese yitangira uwundi.

Intumwa Pawulo atubwira yuko umubano w'abubakanye ari ikigereranyo c'ubucuti buri hagati ya Kristo n'Ishengero. Yavuze ko ari "ibanga rihambaye": Ni gute abantu babiri bashobora gusiga umuryango wose w'abakristo, bakibera ubumwe? Nimba Itanguriro igice ca 2 hatwereka igicapu c'umubano mwiza w'ababiranye hataraba gukora icaha, mu Banyefeso igice ca 5 naho, Pawulo hatwereka uburyo dushobora gusubira kwunga ubwo bumwe mu miryango yacu biciye mu gucungurwa na Kristo.

### Kugamburukanira

Abanyefeso 5:20-33

> "Imana, Data wa twese, muyishimire vyose imisi yose, mw'Izina ry'Umwami wacu Yesu Kristo. 21 Mugamburukanire, kuko mwubashe Kristo.22 Bagore, mugamburukire abagabo banyu, nk'uko mugamburukira Umwami wacu. 23 Kuk'umugabo ariwe mutwe w'umugore wiwe, nk'uko Kristo nawe ari umutwe w'Ishengero, akaba umukiza waryo, ariwo mubiri wiwe. 24 Ariko nk'ukw'Ishengero rigamburukira Kristo, abe arikw'abagore baganburukiraabagabo babo muri vyose.
>
> 25 Bagabo, mukunde abagore banyu, nk'uko Kristo nawe yakunze ishengero, akaryigura, 26 ngw'aryeze, aryogesheje amazi n'ijambo, 27 ngw'aryishire, ari ishengero rifise ubwiza, ridafis'amarabaga cank'injebejebe cank'ikintu cose gisa gityo, ariko ngo ribe iryera ridafise agasembwa.28 nikw'abagabo na bo bakwiye gukunda abagore babo nk'imibiri yabo bwite. Ukunda umugore wiwe, aba yikunda: 29 kukw'ata muntu yigeze kwanka umubiri wiwe, arikw'arawugaburira, akawubungabunga, nk'uko Kristo nawe agirira ishengero: 30 kuko turi ingingo z'umubiri wiwe. 31 Ni co gituma umuntu azosiga se na nyina, akabana n'umugore wiwe akaramata, bompi bakaba umubiri umwe. 32 Iryo banga rirahambaye, ariko mbivuze kuri Kristo n'Ishengero.
>
> 33 Ariko namwe nyene, umuntu wese akunde umugore wiwe nk'uko yikunda; umugore na we ni yubahe umugabo wiwe.

1. Mbega aya majambo yo mu mirongo ya 20 gushika 21 abwirwa nde?

2. Mu mirongo ya 25 gushika 30, Pawulo yerekana inyifato umugabo akwiye kugira imbere y'umugore/umukenyezi wiwe. Mu buzima bwa misi yose, ni mu bihe bikorwa canke inyifato umugabo ashobora:

- ♦ Kwigura umugore wiwe?
- ♦ Kweza/gutunganya umugore wiwe kugirango ntaboneke afise amarabaga/injebejebe?

- Gukunda umugore wiwe nk'uko akunda umubiri wiwe/canke yikunda?

- Kumugaburira no kumubungabunga?

- Gusiga se na nyina maze akabana n'umugore wiwe akaramata?

Mu buzima bwa misi yose, ni gute umugore ashobora canke akwiye:

- Gushigikira umugabo wiwe?

- Kwerekana ko amushigikiye muri vyose?

- Kwubaha umugabo wiwe?

3. Ntivyokworohera umugabo gukora nk'uko Pawulo amutegeka igihe umugore wiwe aciye amutwenga canke akamuganza. None ni gute umugore/umukenyezi akwiye gutuma umugabo/umushingantahe wiwe amubungabunga/amwitaho neza nk'uko Kristo nawe yitaho Ishengero ryiwe?

Matayo 19:4-6 n'Itanguriro 2:24-25

4. Mbega umubano mwiza w'abubatse hagati y'umugabo n'umugore wategerezwa kuba umuze gute twisunze ivyo Yesu avuga? Mbega Yesu yavuze ko ari nde yatanguye kubivuga?

Paulo yarongeye yitiza ano majambo mu Banyefeso 5:31

5. Itanguriro 2:24-25, naho nyene hatubwira yuko umugabo n'umugore ba mbere "bagenda amenya, ariko ntivyabatera isoni" Mbega bisigura iki aho abantu bashobora kubana, "bakerekana ubwambure bwabo, ariko ntibibatere isoni?"

6. Gereranya imigenderanire irangwa ni uko abubakanye "berekana ubwambure bwabo ariko ntibibatere isoni" n'amabwirizwa Pawulo yahaye umugabo n'umugore mu Banyefeso igice ca 5.

Abahinga bamwe bishikirije ivyiyumviro vyabo bavuga yuko Paulo yarashigikira cane ibintu ko biguma uko biri hagati y'umugabo n'umugore (bidahinduka) ko kandi ko n'amajambo yiwe yo mu Banyefeso ibice vya 5 na 6 vyarivyo kwemeza abategetsi b'Abaroma yuko Abakristo ari abanyagihugu beza, bashigikiye "ukwiganza" kw'abahungu nk'uko vyarivyo Roma yaha igiciro imbere y'ibindi vyose. Abo bahinga bagereranya inyandiko za Pawulo n'amategeko yanditswe n'Abagiriki n'abanyabwenge ku bijanye ingo n'imiryango, yahimiriza abagabo kuganza abagore babo, n'abana babo n'abagurano babo, kandi yategeka abo nabo kwubaha/kwumvira. Asangwa Pawulo yisunze ayo mategeko mu nyandiko ziwe (Abanyefeso ibice vya 5 na 6); ikirushirije ni uko yayakoresheje ngo ahindure uko ibintu vyari bimeze mu ngo. Mu nyandiko ziwe kun ngo, Pawulo ntabwo abagabo basabwa kuganza abagore babo, ahubwo basabwa kubigura. Abakenyezi/Abagore ntabwo basabwa kuganzwa n'abagabo babo, ariko basabwa kubana na bo mu mahoro no mu bumwe.

Abanyefeso 5:21-33 ntabwo havuga ivy'ubukuru canke kuganza. Ariko ni urutonde rw'amabwirizwa yerekana ingene twosubira mu ntumbero yaremewe abantu, nayo ikaba ari "**umubiri umwe, kugenda amenya ariko ntibibatere isoni".** Uko n'ikw'Imana yagomba ko umugabo n'umugore babana mw'Itanguriro; kandi ivyo tubisubizwa na Yesu Kristo, Pawulo nawe arabisigurako: Tumaze kwuzura n'Imana kubwa Kristo, ntabwo tuba tukibaye twenyene, ariko turaheza tugashira ubwoba, tukaba imvugakuri kandi tugafasha, kandi tugashobora "kugamburukanira twubashe Kristo". Aho niho honyene, dushobora kubaho iryo "banga" aho babiri bahinduka umwe.

## Shira mu ngiro

7. Wibuke yuko mu gihe ca Pawulo, umubano w'ababiranye watunganywa n'abavyeyi b'abana nk'uko no muri Afrika vyari bimeze (kandi n'ubu ni uko bikimeze mu turere tumwe tw'isi). Mbega bishoboka gute ko ubana n'umuntu mukaba umubiri umwe kandi utigeze umwihitiramwo?

8. Mbega ubona, ku ruhande rwawe, ubumwe buri hagati yawe n'abandi bakristo ubugejeje hehe? Urizera yuko ivyo bishoboka? Mbega ubona ikikubuza gushikira ubwo bumwe ari ikihe?